ISEZERANO RY'IBIHUGU BIHURIKIYE MW'ISHIRAHAMWE

MPUZAMAKUNGU N'AMATEGEKO AGENGA SENTARE

MPUZAMAKUNGU Y'UBUTUNGANE

IGISATA KIJEJWE KUMENYESHA AMAKURU Y'ISHIRAHAMWE RY'IBIHUGU MPUZAMAKUNGU.

ISEZERANO RY'IBIHUGU BIHURIKIYE MW'ISHIRAHAMWE MPUZAMAKUNGU N'AMATEGEKO AGENGA SENTARE MPUZAMAKUNGU Y'UBUTUNGANE

Ishirahamwe ry'ibihugu Mpuzamakungu, New York.

INTANGAMARARA

Isezerano ry'ibihugu bihurikiye mw'ishirahamwe mpuzamakungu ryashizweko igikumu I San Fransisco kuwa 26 Ruheshi 1945 inyuma y'ikoraniro ryashinga iryo shirahamwe. Ayo masezerano yaciye atangura gukurikizwa kuwa 24 Gitugutu 1945. Mu bigize iryo sezerano harimwo amategeko agenga Sentare Mpuzamakungu y'ubutungane.

Inama Nkuru y'iryo shirahamwe yaremeje isubiramwo ry'ingingo y'iryo shirahamwe ry'ingingo za 23,27 na 61 ry'ayo masezerano, iryo subirwamwo rica ritangura gukurikizwa kuva kuwa 17 Kigarama 1963.
Inama Nkuru yarongeye iremeza isubirwamwo ry'ingingo ya 61 kuwa 20 Kigarama 1971, iryo subirwamwo rica ritangura gukurikizwa kuwa 24 Nyakanga 1973.
Isubirwamwo ry'ingingo ya 109, ryemejwe n'inama nkuru kuwa 20 Kigarama 1965 rica ritangura gukurikizwa kuva kuwa 12 Ruheshi 1968;

Isubirwamwo ry'ingingo ya 23 ryatumye igitigiri c'abagize inama y'umutekano congerekana bava kuri cumi n'umwe baja kuri cumi na batanu.
Isubirwamwo ry'ingingo ya 27 ritegekanya ko ingingo z'inama y'umutekano zijanye n'ibibazo vy'ingene urwo rwego rufata ingingo zifatwa zemejwe n'abanywanyi icenda (bahora ari indwi) ; nayo izindi ngingo zifatwa ku bindi bibazo zifatwa zemejwe n'abanywanyi icenda (bahora ari indwi) mubagize iyo nama muri bo hakaba harimwo amajwi y'ibihugu bitanu ntayegayezwa bigize iyo nama.

Isubirwamwo ry'ingingo ya 61 ryakurikijwe kuwa 31 Myandagaro 1965 ryarongereje igitigiri c'abagize inama ijejwe ivy'ubutunzi n'imibano bava kuri cumi n'umunani baba mirongo ibiri n'indwi.
Irindi subirwamwo ry'iyo ngingo ryakurikijwe kuva kuwa 24 Nyakanga 1973 ryarongereje igitigiri c'abagize iyo nama bava kuri mirongo ibiri n'indwi baba mirongo itanu na bane.

Isubirwamwo ry'ingingo ya 109, agace ka mbere, ritegekanya ko ingingo zijanye no gusubiramwo amasezerano zizofatirwa mu bibanza n'amataliki bizoshingwa n'ikoraniro rikuru ry'abahukuriye mw'ishirahamwe Mpuzamakungu ku majwi y'ibice bibiri kuri bitatu hamwe n'amajwi y'ibihugu icenda (vyahora ari indwi) bigize inama y'umutekano.
Agace ka gatatu k'iyo ngingo gategekanya ko inama nkuru, mu nama yayo igira icumi yari kwiga ikibazo kijanye n'ingene hotumwako inama yosubiramwo iri sezerano.
Iyo ngingo ntiyahindutse kubijanye n'ingene iyo nama nkuru itumwako naho ivuga ko habanza gufatwa ingingo yemejwe "n'amajwi y'ibihugu indwi bigize inama y'umutekano".
Abahurikiye mw'ishirahamwe mpuzamakungu hamwe n'abagize inama y'umutekano baratanze inyishu kurako gace mu nama yabo idasanzwe yabaye muri 1955.

AMASEZERANO Y'IBIHUGU BIHURIKIYE MW'ISHIRAHAMWE MPUZAMAKUNGU ;

TWEBWE, ABANYAGIHUGU
BAHURIKIYE MW'ISHIRAHAMWE MPUZAMAKUNGU,
TWIYEMEJE :

gukingira urwaruka rwo muri kazoza amabi y'ingwano yabaye kabiri mu buzimabwo kw'isi igatuma haba ububabare butagira uko bungana,

kwemera kandi gushigikira amategeko yubahiriza ikiremwa muntu, agateka ka zina muntu, ukungana imbere y'amategeko hagati y'abagabo n'abakenyezi be no hagati y'ibihugu vyaba binini canke bito,

gushinga ingingo zose zikenewe kugira ubutungane butsimbatare no kwubahiriza amasezerano n'ibindi vyose amategeko mpuzamakungu akomokako.

guharanira iterambere ry'imibano no gushinga ibikenewe vyose bituma haba ubuzima no kwidegemvya.

KUBERA IZO NTUMBERO

Kwihanganirana, kubana mu mahoro n'umutekano no gukomeza umubano mwiza.

Gushira inguvu hamwe kugira dutsimbataze amahoro n'umutekano kw'isi,
Kwemeza ingingo n'ivyokorwa kugira ngo ntihakoreshwe inguvu z'ibirwanisho kiretse ku neza ya bose,

Kwitura inzego mpuzamakungu kugira ngo zihimirize iterambere ry'ubutunzi n'imibano y'abanyagihugu,

TWIYEMEJE GUSHIRA INGUVU HAMWE KUGIRA DUSHIRE MU NGIRO IVYO TWIYEMEJE.

Nico gituma, ama Leta yacu abicishije kubayaserukira bakoraniye mu gisagara c' I San Francisco, bisunze ububasha bahabwa n'amategeko, bashize kw'igikumu kuriri sezerano kandi bakaba bashinze ishirahamwe mpuzamakungu rizokwitwa Ishirahamwe ry'ibihugu Mpuzamakungu.

IKIGABANE CA I

IMIGABO N'IMIGAMBI

Ingingo ya 1

Ibihugu bihurikiye mw'Ishirahamwe Mpuzamakungu ryiyemeje ingingo zikurikira :

1. Kwubahiriza amahoro n'umutekano kw'isi kubera iyo ntumbero hagafatwa :ingingo zose zo kuzitira no kwigizayo ico cose coza gihungabanya umutekano no gutorera inyishu bidaciye mu ntambara bisunze ingingo z'ubutungane n'amategeko mpuzamakungu, amatati n'ibindi vyose bishobora guhungabanya amahoro n'umutekano.
2. Gukomeza hagati y'ibihugu imigenderanire y'ubugenzi ishirahamwe mu kwubahiriza ukungana kw'ibihugu imbere y'amategeko n'ubwigenge bw'igihugu cose kandi hagafatwa ingingo zose zotuma amahoro atsimbatara kw'isi.
3.Ugufashanya mugutorera umuti ibibazo mpuzamakungu vy'ubutunzi, imibano, ubwenge, vy'abari mukaga muguteza imbere no guhimiriza kwubaha amategeko agenga ikiremwa muntu n'agateka kuri bose utaravye ubwoko, igitsina, ururimi n'idini.
4.Gukurikirana hagufi ivyo vyose bituma ivyo biyemeje bija mu ngiro ku neza ya bose.

Ingingo ya 2

Ishirahamwe mpuzamakungu n'abarihurikiyemwo mukurangura ivyo biyemeje mungingo ya mbere, bategerezwa kwisunga ingendo zikurikira :

1.Ishirahamwe rishingiye ku civugo c'uko ibihugu vyose bingana kandi kimwe cose cigenga.
2.Ibihugu bihurikiye muriri shirahamwe, mukugira bitume umunywanyi wese yoroherezwa mukuronka ibitegekanijwe, bitegerezwa gushira mungiro ivyo vyiyemeje mu gushira igikumu kur'iri sezerano.
3.Ibihugu bihurikiye mur'iri shirahamwe ntibikoresha inguvu iyo hadutse amatati mpuzamakungu , bakoresha uburyo bijanye no kwumvikanisha abashamiranye kugira amahoro, umutekano n'ubutungane ntibihungabane,
4.Ibihugu bihurikiye muriri shirahamwe mu migenderanire yavyo birirnda gukoresha iterabwoba canke inguvu mukubungabunga imbibe n'ukwigenga bw'igihugu icarico cose ndetse no mugukoresha uburyo ubwaribwo bwose buteye kubiri n'imigabo n'imigambi y'ishirahamwe.
5.Ibihugu bihurikiye muriri shirahamwe birafasha ishirahamwe muvyo rikora vyose bijanye no kwubahiriza aya masezerano kandi biririnda gufasha igihugu cafatiwe n'ishirahamwe ingingo z'agateganyo kibure zo kugikandamiza.
6.Ishirahamwe riragira ibishoboka vyose kugora ibihugu bitari muriri shirahamwe vyisunge izi ngingo ku bijanye no gustimbataza amahoro n'umutekano kw'isi.
7.Nta tegeko na rimwe ry'aya masezerano riha uburenganzira ishirahamwe kwivanga mu mabanga y'igihugu ajanye n'ubwigenge bwaco, kandi abanywanyi ntibategerezwa gutwara ibibazo bijanye n'ayo mabanga imbere y'inzego zategekanijwe n'iri sezerano.
Mugabo iyo ntumbero ntiteye kubiri n'ishigwa mu ngiro z'ingingo z'agakandamizo zitegekanijwe n'ikigabane ca VII.

IKIGABANE II

ABANYWANYI

Ingingo ya 3

Abanywanyi bashinze ishirahamwe rihurikiyemwo ibihugu mpuzamakungu n'abitavye inama mpuzamakungu yashinga iryo shirahamwe yabereye mu gisagara c'I San Francisco kibure abateye igikumu mu nyuma kw'itangazo ryashikirijwe n'iryo shirahamwe kw'igenekerezo rya 01/nzero/ 1942, bagatera igikumu ku riri sezerano, ndetse bakanaryemeza nkuko bitegekanijwe n'ingingo ya 110.

Ingingo ya 4

1) Abandi bashobora kuba abanywanyi b'iryo shirahamwe n'ayandi ma Leta yose yemera ibisabwa n'iri sezerano kandi n'abo, kubw'ishirahamwe bashobora gushira mu ngiro ibisabwa ndetse bakanavyerekana.
2) Ingingo yo kwemerera igihugu gishaka kwinjira mw'ishirahamwe, kikaba gikwije ivyo bisabwa, ifatwa n'inama ya bose, ibisabwe n'inama y'umutekano.

Ingingo ya 5

Inama ya bose irafise uburenganzira bwo guhagarika ingingo y'agateganyo kibure ikandamiza igihugu, yafashwe n'inama y'umutekano ku bijanye n'amateka n'inyungu vyega igihugu kinywanyi.
Inama y'umutekano irashobora gusubiza mu buryo amateka n'inyungu yari yatse igihugu kinywanyi.

Ingingo ya 6

Umunywanyi arenze yisubiriza ingingo ziri muraya masezerano arashobora gufutwa n'inama ya bose, ibisabwe n'inama y'umutekano.

IKIGABANE CA III

INZEGO

Ingingo ya 7

1.Harashinzwe inzego nkuru zigize ishirahamwe mpuzamakungu : inama ya bose, inama y'umutekano, inama y'ubutunzi n'imibano, inama ijejwe intwaro mpuzamakungu, Sentare mpuzamakungu y'ubutungane, n'urwego rw'umunyamabanga.
2.Inzego zitoya zizokenerwa zizoshingwa zisunze iri sezerano.

Ingingo ya 8

Abagabo n'abagore bazofatwa ku rugero rumwe mu bijanye no gushingwa amabanga yo mu rizo nzego, zaba nkuru kibure zaba ntoya.

IKIGABANE CA IV

INAMA YA BOSE

Abayigize

Ingingo ya 9

1.Inama ya bose igizwe n'ibihugu vyose bigize ishirahamwe
2.Igihugu giserukirwa muriyo nama n'abantu batarenga batanu.
Amabanga n'ububasha

Ingingo ya 10

Inama ya bose irashobora guca hirya no hino ibibazo bijanye n'iri sezerano kibure zijanye n'amabanga, n'ububasha rw'urwego urwo arirwo rwose rutegekanijwe n'iri sezerano, kandi kiretse ibitegekanijwe n'ingingo ya 12, irashobora gushikiriza abanywanyi bagize ishirahamwe be n'inama y'umutekano, ivyiyumviro bijanye n'ingene ivyo bibazo vyotorerwa umuti.

Ingingo ya 11

1.Inama ya bose irashobora kwiga ingingo ngenderwako zo gufashanya kugirango hatsimbatazwe amahoro n'umutekano kw'isi, harimwo n'ingingo zijanye n'ingene ibirwanisho vyiyongera n'ingene vyakwa ababitunze, kandi kurizo ngingo, inama ya bose irashikiriza ivyiyumviro vyayo abanywanyi bagize ishirahamwe, inama y'umutekano, kibure abahurikiye mw'ishirahamwe mpuzamakungu n'inama y'umutekano.
2.Inama ya bose irashobora guca hirya no hino ibibazo bijanye no gutsimbataza amahoro n'umutekano kw'isi yashikirijwe n'umunywanyi uwariwe wese w'ishirahamwe kiibure yashikirijwe n'inama y'umutekano, kibure yashikirijwe na Leta iyariyo yose itari muriryo shirahamwe nkuko bitegekanijwe n'agace ka 2 k'ingingo ya 35, kandi kiretse ibitegekanijwe n'ingingo ya 12, inama ya bose irashikiriza Leta canke amaleta ategwa n'ivyo bibazo, inama y'umutekano, ama Leta n'inama y'umutekano ingene ivyo bibazo, inama y'umutekano, ama Leta n'inama y'umutekano ingene ivyo bibazo vyotorerwa umuti. Ikibazo icarico cose kijanye n'umutekano gikeneye ingingo zifatwa, inama ya bose ikirungikira inama y'umutekano imbere kibure inyuma yuko igica hirya no hino.
3.Inama ya bose irashobora gukebura inama y' umutekano ahantu hose ibonye ibimenyetso bisa n'ivyohungabanya amahoro n'umutekano kw'isi.
4.Ububasha bw'inama ya bose nkuko budondaguwe n'iyi ngingo ntibugabanya amabanga yayo ku bindi vyose bitegekanijwe n'ingingo ya 10.

Ingingo ya 12

1.Igihe inama y'umutekano iriko irarangura amabanga ajanye n'amatati kibure ibindi vyose bijanye n'amabanga akomoka kuriri sezerano, inama ya bose ntitegetswe kugira ico ivuze kurayo matati kibure ivyo bindi bijanye n'amabanga ijejwe itabisabwe n'inama y'umutekano.
2.Umunyamabanga mukuru abitumwe n'inama y'umutekano aramenyesha inama ya bose igihe cose ishashe, ibibazo bijanye n'amahoro n'umutekano kw'isi biriko birigwa n'inama y'umutekano, mu gihe naho inama ya bose idasasa, umunyamabanga mukuru aramenyesha abanywanyi b'ishirahamwe igihe inama

y'umutekano ihejeje kwiga ivyo bibazo.

Ingingo ya 13

1.Inama ya bose irahimiriza ivyigwa ikanashikiriza ingingo zibereye zituma :

a. Haba iterambere rishingiye mu gufashanya kw'ibihugu mu bijanye na Politike, no guhimiriza iterambere ry'amategeko mpuzamakungu n'ingene yoshigwa mu bitabo vy'amategeko agenga ibihugu,

b. Haba iterambere rishingiye mu gufashanya kw'ibihugu mu bijanye n'ubutunzi n'imibano , ubumenyi n'indero, amagara y'abantu no kwubahiriza ukwishira n'ukwizana, n'agateka ka zina muntu kuri bose ata macakubiri afatiye ku moko, ku gitsina, k'ururimi no kw'idini.

2.Ayandi mabanga n'ububasha bw'inama ya bose ku bijanye n'ibibazo bihejeje kuvugwa ku gace ka 1b, ategekanijwe ku bigabane vya IX na X

Ingingo ya 14

Kiretse ibitegekanijwe n'ingingo ya 12, inama ya bose irashobora gushikiriza ingingo zibereye zo kugarura umutekano utaravye inkomoko y'amatati yotuma umubano w'ibihugu utosekara, harimwo ibituma bivuye k'uguhonyanga ingingo z'iri mu masezerano ategekanya imigabo n'imigambi y'ibihugu bihurukiye mw'ishirahamwe mpuzamakungu.

Ingingo ya 15

1.Inama ya bose iraharura ikongera ikiga ivyaranguwe mu kiringo c'umwaka hamwe n'ivyaranguwe n'inama y'umutekano, ivyo vyaranguwe bigirwe n'icegeranyo c'ingingo inama y'umutekano yashinze kibure yafashe mu kubungabunga amahoro n'umutekano kw'isi.

2.inama ya bose irahabwa ikongera ikiga icegeranyo c'ivyaranguwe n'izindi nzego zigize ishirahamwe.

Ingingo ya 16

Inama ya bose irarangura kubijanye n'itunganywa ry'intwaro ishingwa n'amakungu amabanga ategekanijwe n'ibigabane vya XII na XIII, murayo hakaba harimwo kwemera amasezerano agenga iyo ntwaro ku bijanye n'uturere tutitwa utwinzitizi.

Ingingo ya 17

1.Inama ya bose iraca hirya no hino ikanemeza amahera ishirahamwe rikoresha.

2.Uburyo ishirahamwe rikoresha butangwa n'abanywanyi ufatiye kurugero rushingwa n'inama ya bose.

3.Inama ya bose irasuzuma ikanemeza amasezerano aba hagati y'ishirahamwe n'inzego z'abahinga zitegekanijwe n'ingingo ya 57 mubijanye n'itegekanywa ry'amahera izo nzego zikoresha; inama ya bose irongera igaca hirya no hino ikanashikiriza n'ingingo zibereye mw'itunganywa ry'amahera izo nzego zokoresha mu bisata vy'intwaro.

Ingene batora

Ingingo ya 18

1.Mu nama ya bose, umunywanyi wese afise ijwi rimwe
2.Inama ya bose ifata ingingo ku bibazo bikomeye iravye amajwi ya benshi ku rugero rw'ibice bibiri kuri bitatu rw'abitavye inama bakanatora. Ico bita ibibazo bikomeye : n'ingingo zibereye zijanye no kubungabunga amahoro n'umutekano kw'isi, amatora y'ibihugu atari ntayegayezwa bigize inama y'umutekano, amatora y'abagize urwego rw'ubutunzi n'imibano amatora y'abagize urwego rw'intwaro inshingwa n'amakungu itegekanijwe n'agace ka 1 C y'ingingo ya 86, kwemerera abanywanyi bashasha mw'ishirahamwe, guhagarika amateka n'inyungu amasezerano ategakaniriza abanywanyi, gufuta abanywanyi mw'ishirahamwe, ibibazo bijanye n'itunganywa ry'intwaro ishingwa n'amakungu hamwe n'ibibazo bijanye n'itegekanywa ry'amahera akoreshwa.
3.Ingingo zijanye n'ibindi bibazo, harimwo ugutomora imirwi y'ibibazo bishasha vyo kwemezwa bafatiye ku majwi ya benshi ku rugero rw'ibice bibiri kuri bitatu zifatwa baravye amajwi ya benshi mu bitavye inama kandi batoye.

Ingingo ya 19

Umunywanyi w'ishirahamwe yatevye gutanga intererano ijanye n'amahera ishirahamwe rikoresha, ntiyemerewe gushikiriza ijwi ryiwe mu nama ya bose mu gihe igitigiri c'amahera aheranye kingana canke kirenga umwenda w'imyaka ibiri yararanije. Mugabo, inama ya bose irashobora kwemerera uwo munywanyi ko ashikiriza ijwi ryiwe mugihe isanze ukutariha uwo mwenda bitatumwe n'imvo zimuvuyeko.

Ingene bitunganijwe

Ingingo ya 20

Inama ya bose isanzwe iba rimwe mu mwaka, mugabo iyo ari ngombwa, haraba inama zidasanzwe. Izo nazo zitumwako n'umunyamabanga mukuru abisabwe n'inama y'umutekano kibure abanywanyi benshi bazisavye.

Ingingo ya 21

Inama ya bose irashinga amategeko ayigenga. Iragena umukru wayo mukiringo c'umwaka.

Ingingo ya 22

Inama ya bose irashobora gushinga inzego ntoya ziyifasha kurangura amabanga yayo.

IKIGABANE CA V

INAMA Y'UMUTEKANO

Abayigize

Ingingo ya 23

1.inama y'umutekano igizwe n'ibihugu cumi na bitanu. Mur'ivyo harimwo ibihugu bitanu ntayegayezwa arivyo : ubushinwa, ubufaransa, uburusiya, ubwongereza na Leta zunze

ubumwe za Amerika. Ibindi bihugu cumi atari ntayegayezwa bitorwa n'inama ya bose iravye ubwambere intererano bitanga mukubungabunga amahoro n'umutekano kw'isi, n'itunganywa ry'imigambi ishirahamwe ryiyemeje iranaraba kandi ko ibirere bigize isi vyaserukiwe ku rugero rwumvikana atakarenganyo.
2.Ibihugu bigize inama y'umutekano atari ntayegeyezwa bitorwa ku kiringo c'imyaka ibiri; Igihe c'amatora ya mbere aho igitigiri c'abagizeu umurwi w'ibihugu atari ntayegayezwa bivuye kuri cumi n'umwe bikaja kuri cumi na batanu, babiri murabo bane biyongereyeko batorwa ku kiringo c'umwaka. Abahora muruwo murwi ntibategerezwa gusubira gutorwa .
3.Umunywanyi wese w'inama y'umutekano arafise uwumuserukira mururwo rwego.

Amabanga n'ububasha

Ingingo ya 24

1. Kugirango ishirahamwe rifate ingingo zibereye kandi zihutirwa, abanywanyi bashinze ahanini inama y'umutekano igikorwa co kubungabunga amahoro n'umutekano kw'isi kandi baremeza ko ingingo zifatwa n'iyo nama mukurangura ico gikorwa zifatwa kw'izina ry'abagize ishirahamwe.
2. Mu kurangura ayo mabanga, inama y'umutekano yisunga imigambi n'imigabo y'ibihugu bihurikiye mw'ishirahamwe mpuamakungu. Ububasha budasanzwe bwahawe inama y'umutekano kugira irangure ayo mabanga butegekanijwe n'ibigabane vya VI,VII na XII.
3.Inama y'umutekano irashikiriza inama ya bose kugira isuzume ivyo yaranguye mu kiringo c'umwaka, ndetse iyo ari ngombwa n'ivyo yaranguye mu bisata bidasanzwe.

Ingingo ya 25

Abanywanyi b'ishirahamwe bisunze iri sezerano barumvikana ingene bemera n'ingene bashira mu ngiro ingingo zafashwe n'inama y'umutekano.

Ingingo ya 26

Kugirango hashingwe ingingo zo kubungabunga amahoro n'umutekano kw'isi mugutanga uburyo bubayabaye mubijanye n'irwirirana ry'ibirwanisho kw'isi, inama y'umutekano ifashijwe n'umurwi w'abakuru b'intwaramiheto utegekanijwe n'ingingo ya 47, itegerezwa gutunganya ivyo yategekanije ikabishirikiza abanywanyi b'ishirahamwe kugira ngo bashinge amategeko agenga igwirirana ry'ibirwanisho.

Amatora

Ingingo ya 27

1. Umunywanyi wese w'inama y'umutekano afise ijwi rimwe.
2. Ingingo ibikorwa bitunganywa ku bibazo vy'ingene ibikorwa bitunganywa zifatwa iyo zemejwe n'abanywanyi icenda.
3. Ingingo z'inama y'umutekano ku bibazo bindi zifatwa zemejwe n'abanywanyi icenda muribo hagategerezwa kubamwo amajwi y'abanywanyi ntayegayezwa, bikumvikanako mu ngingo zifatwa hakurikijwe ibitegekanijwe n'ikigabane ca VI n'agace ka 3 k'ingingo ya 52, umwe mu bashamiranye adaheza ngo atore.

Ingene bitunganijwe

Ingingo ya 28

1.Inama y'umutekano itunganijwe ku buryo iguma ikora umwanya wose. Kubera ivyo, umunywanyi wese w'inama y'umutekano ategerezwa igihe cose kuronka uwumuserukira ku cicaro c'ishirahamwe.
2.Inama y'umutekano isanzwe igira muriyo umunywanyi agashobora kuyiserukirwamwo n'umwe mubagize Leta yayo, kibure n'uwundi wese ashobora kugenwa ngo aserukire ico gihugu.
3. Kiretse ku cicaro c'ishirahamwe, inama y'umutekano ishobora kugirira amanama ahandi hose yobaza ko ibikorwa vyogenda neza.

Ingingo ya 29

Inama y'umutekano irashobora gushinga inzego ntoya yibaza ko zoyifasha kurangura amabanga yayo.

Ingingo ya 30

Inama y'umutekanko irashinga amategeko ayigenga muriyo, ikerekana ingene umukuru w'iyo nama agenwa

Ingingo ya 31

Igihugu kiri mw'ishirahamwe mugabo ntikibe kiri mu banywanyi b'inama y'umutekano kirashobora kuza mu nama naho kitemerewe gufata ingingo ziciye mu matora, kigashikiriza ivyiyumviro ku kibazo cose cashikirijwe inama y'umutekano, igihe cose urwo rwego rwibaza ko inyungu z'ico gihugu zohasigara.

Ingingo ya 32

Igihugu kiri mw'ishirahamwe mugabo ntikibe mu banywanyi b'inama y'umutekano, kibure igihugu kitari mw'ishirahamwe kikaba kiri n'amatati ariko arigwa n'inama y'umutekano, kiratumirwa muriyo nama kigashikiriza ivyiyumviro vyaco bijanye n'ayo matati n'aho kitemerewe gufata ingingo.
Inama y'umutekano iratomora ivyangombwa yibaza ko iyo Leta itari mu banywanyi b'ishirahamwe yokwisunga.

IKIGABANE CA VI

GUTORERA INYISHU AMATATI BIDACIYE MU NTAMBARA.

Ingingo ya 33

1.Ibihugu bifitaniye amatati igihe adatorewe inyishu vuba yohungabanya amahoro n'umutekano kw'isi bitegerezwa imbere ya vyose gutorera inyishu ayo matati biciye mu biganiro, ugutohoza, kwitura abahuza, kurondera uwobuzuriza, kwitura ubutungane, kwitura amashirahamwe kibure amasezerano yo muturere tw'ivyo bihugu, kibure izindi nzira zose z'amahoro abashamiranye bokwitorera.
2.Inama y'umuketano ibonye ari ngombwa, irerekana inzira abashamiranye bocamwo mu gutorera inyishu amatati yabo.

Ingingo ya 34

Inama y'umutekano irashobora kugira itohoza ku matati kibure izindi mvo zotuma haba imishamirano hagati y'ibihugu, iryo tohoza rikaba rifise intumbero yo kwerekana ko ayo matati abandanije yotuma amahoro n'umutekano kw'isi bihungabana.

Ingingo ya 35

1. Umunywanyi w'ishirahamwe uwo ariwe wese arashobora kumenyesha inama y'umutekano kibure inama ya bose amatati kibure izindi mvo zotuma amahoro n'umutekano kw'isi bihungabana nkuko bitegekanijwe n'ingingo ya 34.
2. Leta itari mu banywanyi b'ishirahamwe irashobora kumenyesha inama y'umutekano n'inama ya bose amatati ayega mugabo ikabanza kwemera imbere ya vyose ko ayo matati azotorerwa inyishu biciye mu nzira z'amahoro zitegekanijwe n'iri sezerano.
3.Ingingo z'inama ya bose ku bijanye n'amatati yashikirijwe hakurikijwe iyi ngingo yisunga ibitegekanywa n'ingingo ya 11 na 12.

Ingingo ya 36

1. Inama y'umutekano irashobora igihe cose ibonye imishamirano iriko iragenda nkuko bitegekanijwe n'ingingo ya 33, igashikiriza ingendo abashamiranye bo kwisunga kugira ibintu bisubire mu buryo.
2. Inama y'umutekano itegerezwa kwisunga ingendo abashamiranye bamaze gufata kugirango batorere inyishu amatati yabo.
3. Mu gushikiriza ingendo abashamiranye bokwiwunga nkuko bitegekanijwe n'iyi ngingo, inama y'umutekano itegerezwa kuraba na ntaryo muri rusangi ko amatati ajanye n'ubutungane ategerezwa gutorerwa inyishu na Sentare mpuzamakungu y'ubutungane nkuko bitegekanijwe n'ingingo z'iyo Sentare.

Ingingo ya 37

1. Igihe abashamiranye batumvikanye bisunze ingendo zitegekanijwe n'ingingo ya 33, amatati yabo baca bayatura inama y'umutekano.
2. Igihe inama y'umutekano iravye igasanga amatati adatorewe inyishu vuba yotuma amahoro n'umutekano kw'isi bihungabana, iraheza igafata ingingo yo gukurikiza ingingo ya 36 kibure igategeka abashamiranye kwisunga inzira y'amahro iberetse.

Ingingo ya 38

Tutagiye kubiri n'ibitegekanijwe n'ingingo zo kuva kuri 33 gushika kuri 37 inama y'umutekano irashobora igihe abashamiranye babisavye, kubereka ingingo zibereye bokwisunga kugira amatati yabo atorerwe umuti mu mahoro.

IKIGABANE CA VII

INGINGO ZIFATWA IGIHE HARI ICOHUNGABANYA AMAHORO, N'IGIHE IGIHUGU GISOMBOROKEJWE.

Ingingo ya 39

Inama y'umutekano iraraba ko hari icotuma amahoro ahungabana, ko amahoro yahungabanye kibure ko hari igihugu casomborokejwe igashikiriza ivyokorwa kibure igafata ingingo yisunze ibitegekanijwe n'ingingo za 41 na 42 zo gutsimbataza kibure kugarukana amahoro n'umutekano kw'isi.

Ingingo ya 40

Kugira intambara ntikomere, inama y'umutekano, imbere yuko ishikiriza ivyokorwa canke igafata ingingo yisunze ibitegekanijwe n'ingingo ya 39, irashobora guhimiriza ibihugu bishamiranye kugira vyisunge ingingo mfatakibanza yafashe yibaza ko zikenewe canke zibereye. Izo ngingo mfatakibanza nta ngaruka zifise ku rubanza ruzocika kandi ntizibuza ko abashamiranye bashikiriza imburano zabo naho bahagaze ku bijanye n'ayo matati. Mu gihe ivyo bihugu bitashize mu ngiro izo ngingo mfatakibanza, inama y'umutekano iraraba ikabona ko vyagararije.

Ingingo ya 41

Inama y'umutekano irashobora gufata ingingo zituma ingingo yafashe zikurikirwa idakoresheje inguvu, kandi igahimiriza abanywanyi bahurikiye mw'ishirahamwe mpuzamakungu kugira bakurikize izo ngingo. Mur'izo harashobora gufatwa ingingo zo guhagarika burundu kibure ivy'agateganyo imigenderanire y'ubutunzi no gutumatumanako biciye mu nzuzi, mu biyaga, mu kirere, mu bijanye n'ama posita, telefone, radiyo, hamwe n'ubundi buryo bwo gutumatumanako harimwo guhagarika imigenderanire y'ibihugu.

Ingingo ya 42

Igihe inama y'umutekano ibonye ko ingingo zategekanijwe n'ingingo ya 41 ataco zoshikako, kibure ataco zamaze, irashobora gukoresha inguvu zo mu kirere, mu mazi, kibuze zo hasi, mu kurangura igikorwa co gutsimbataza amahoro kibuze kugarukana amahoro n'umutekano kw'isi. Ivyo bikorwa bishobora kuba nko kwerekana ubuhinga bw'ingwano, guhagarika imigenderanire y'ubutunzi, no gutumatumanako n'ibindi bikorwa vy'abasirikare mpuzamakungu bagwanira mu kirere, mu mazi no hasi.

Ingingo ya 43

1. Ibihugu vyose bihurikiye mw'ishirahamwe mpuzamakungu kugirango biterere agacumu k'ubumwe mu kubungabunga amahoro n'umutekano kw'isi biyemeza guha inama y'umutekano ibisavye hagakurikizwa isezerano rirukwaryo kibure amasezerano ari ukwayo abasirikare, imfashanyo n'ibindi bikenewe, harimwo uburenganzira bwo guca mu muri ivyo bihugu mu gihe hariko harangurwa ibikorwa vyo kubungabunga amahoro n'umutekano.

2. Iryo sezerano kibure ayo masezerano aratomora igitigiri n'umurwi w'abo basirikare aho bagejeje imyiteguro, basanzwe bari hamwe n'imfashanyo, n'ibindi vya nkenerwa bitangwa.
3. Iryo sezerano kibure ayo masezerano bazoyumvikanako mu maguru masha bivuye ku nama y'umutekano. Ayo masezerano azoba hagati y'inama y'umutekano n'abanywanyi b'ishirahamwe canke hagati y'inama y'umutekano n'imirwi y'abanywanyi bagize ishirahamwe, kandi akazoterwako igikumu n'ama Leta biraba hakurikijwe amategeko ari muma bwirizwa nshingiro y'ivyo bihugu.

Ingingo ya 44

Igihe inama y'umutekano yafashe ingingo yo gukoresha inguvu itegerezwa imbere yo kubwira igihugu kidafise uwugiserukira mur'iyo nama, gutanga abasirikare nkuko bitegekanijwe n'ingingo ya 43, iratumira ico gihugu, igihe kibishaka kugirango citabe ibikorwa vy'inama y'umutekano ari naho hafatwa ingingo zijanye n'amabanga inteko z'ico gihugu zizorangura.

Ingingo ya 45

Kugira ishirahamwe rishobore gufata ingingo z'igisoda zihutirwa, ingabo zigwanira hejuru n'ibihugu bigize ishirahamwe zizoguma zigavye kugira zifashe mu bikorwa mpuzamakungu vy'inguvu, hakurikijwe ibiri mw'isezerano canke ibiri mumasezerano agenga izo nteko ategekanijwe n'ingingo ya 43, inama y'umutekano, ifashijwe n'umurwi nserukira bihugu wo kw'ivuna abansi irashinga urugero rwo kwitegura rw'izo nteko ikanategekanya ingene ivyo bikorwa vya gisirikare birangurwa.

Ingingo ya 46

Ibikorwa vyo gukoresha inguvu za gisirikare bitegurwa n'inama y'umutekano ibifashijwemwo n'umurwi nserukira bihugu wo kwivuna abansi.

Ingingo ya 47

1. Harashinzwe umurwi nserukira bihugu wo kwivuna abansi ujejwe gutanga impanuro no gufasha inama y'umutekano ku bijanye n'ibikorwa vyose kugira inama ibungabunge amahoro n'umutekano kw'isi, kuyobora inteko zatanzwe n'ibihugu bigize ishirahamwe, gushinga amategeko agenga kugwiza ibigwanisho, n'iyo ari ngombwa bagafasha ingingo kugira ibigwanisho bigabanywe.
2. Umugwi nserukira bihugu wo kwivuna abansi utegerezwa kwisunga amategeko ahabwa n'inama y'umutekano mu gutegekanya ibizorangurwa n'inteko zarungitswe n'ibihugu bigize ishirahamwe.
Ibibazo bijanye no kurongora izo nteko bizotorerwa umuti hanyuma.
3. Iyindi mirwi mito mito mu turere tunyuranye irashobora gushingwa n'umurwi nserukira bihugu wo kwivuna abansi ubirekuriwe n'inama y'umutekano iyo nayo ibanje guhanuza amashirahamwe y'uturere biraba.

Ingingo ya 48

1. Ingingo zose zikenewe zijanye no gushira mu ngiro ibikorwa vy'inama y'umutekano bijanye no kubungabunga amahoro n'umutekano kw'isi zifatwa n'abanywanyi bose

bakurikiye mw'ishirahamwe mpuzamakungu kibure hamwe bamwe muri bo bivuye ku gushaka kw'inama y'umutekano.
2. Izo ngingo zishirwa mu ngiro n'abanywanyi bahurikiye mw'ishirahamwe n'ibihugu babicishije mu bikorwa vy'amashirahamwe mpuzamakungu bahurikiyemwo.

Ingingo ya 49

Abanywanyi bahurikiye mw'ishirahamwe ry'ibihugu mpuzamakungu barafashanya mu gushira mu ngiro ingingo zafashwe n'inama y'umutekano.

Ingingo ya 50

Iyo hari igihugu cafatiwe n'inama y'umutekano ibihano vy'agateganyo kibure vyo gukandamizwa, hakaba ikindi gihugu caba mw'ishirahamwe kibure kitari mw'ishirahamwe ry'ibihugu mpuzamakungu, cagize ingorane z'ubutunzi zatewe n'ishirwa mu ngiro ry'ivyo bihano, kirafise uburenganzira bwo kwitura inama y'umutekano ku bijanye no gutora umuti w'izo ngorane.

Ingingo ya 51

Nta ngingo n'imwe yaya masezerano ibuza ko igihugu gihurikiye muriri shirahamwe iyo gisomborokejwe hakoreshejwe ibigwanisho civuna, kibure ibindi bihugu bikagifasha kwivuna gushika aho inama y'umutekano ifata ingingo zikenwe, kugira hagaruke amahoro n'umutekano kw'isi.
Ingingo zo kwivuna zafashwe n'abanywanyi zitegerezwa kumenyeshwa mu maguru masha, inama y'umutekano, kandi ntaco zihindura ku bubasha n'umwitwarariko inama y'umutekano ifise yo gufata igihe cose bikenewe ingingo zose zo kubungabunga no kugarura amahoro n'umutekano kw'isi.

IKIGABANE CA VIII

AMASEZERANO AFATIYE KU NTARA

Ingingo ya 52

1. Nta ngingo n'imwe yo ma masezerano abuza ko hoba amasezerano kibure amashirahamwe afatiye ku ntara ashingiye ku gutorera inyishu mu karere ko mur'iyo ntara, ivyo vyose bijanye no kubungabunga amahoro n'umutekano kw'isi, ayo masezerano kibure ayo mashirahamwe no mu mirimo yabo agategerezwa kwisunga imigabo n'imigambi y'ibihugu bihurikiye mw'ishirahamwe mpuzamakungu.
2. Abanywanyi bagize ishirahamwe mpuzamakungu bateye igikumu kur'ayo masezerano kibure bahurikiye mur'ayo mashirahamwe bategerezwa kugira ibishoboka vyose kugira batore inyishu biciye mu mahoro, bisunze ivyategekanijwe n'ayo masezerano, kibure ayo mashirahamwe, amatati yo mur'ako karere imbere yo kuyashikiriza inama y'umutekano.
3. Inama y'umutekano irahimiriza ingendo yo gutorera inyishu biciye mu mahoro, amatati yo muturere bisunze ibitegekanywa n'amasezerano canke amashirahamwe afatiye ku ntara, ikabigira ibicishije ku ma Leta yegwa n'ayo matati, kibure inama y'umutekano yo nyene akaba ariyo ifasha ivyo bihugu bishamiranye mu gutorera inyishu ayo matati.

4.Iyi ngingo ntaco ibuza mu gushira mu ngiro ibitegekanijwe n'ingingo ya 34 na 35.

Ingingo ya 53

1. Inama y'umutekano irakoresha iyo ari ngombwa, kibure amasezerano ashingiye ku ntara mu gushira mu ngiro ingingo z'agakandamizo yafashe. Mugabo nta gikorwa na kimwe c'agakandamizo kizokorwa hakurikijwe amasezerano kibure amashirahamwe afatiye ku ntara ataruhusha rw'inama y'umutekano, kiretse ibikorwa vy'agakandamizo bifatirwa Leta y'umwansi twisunze insiguro itangwa n'agace ka kabiri k'iyi ngingo, vyategekanijwe n'ikurikizwa ry'ingingo ya 107, canke ibikorwa bitegekanijwe mu masezerano afatiye ku ntara, bifise intumbero yo gukandamiza Leta yasubiriye Politike y'agasomborotso, gushika aho ishirahamwe ribisabwe n'ibihugu vyegwa n'ayo matati izofata ingingo yo gukinga akandi gasomborotso aho koturuka hose.
2. Ijambo « Leta y'umwansi », ryakoreshejwe ku gace ka rimwe k'iyi ngingo, gakoreshwa kuri Leta mu gihe c'intambara ya 2 y'isi yose, yabaye umwansi wa Leta iyo ar'iyo yose yateye igikumu kur'iryo sezerano.

Ingingo ya 54

Inama y'umutekano itegerezwa kumenyeshwa igihe cose hari igikorwa kibure icimirije gukorwa hakurikijwe amasezerano kibure amashirahamwe afatiye ku ntara, gifise intumbero yo kubungabunga amahoro n'umutekano kw'isi.

IKIGABANE CA IX

UGUFASHANYA GUFATIYE KU BUTUNZI N'IMIBANO BW'AMAKUNGU.

Ingingo ya 55

Kugira hashingwe ingingo ngenderwako n'ukubaho kwiza vyotuma hagati y'ibihugu haba imigenderanire y'amahoro n'ubugenzi bushingiye ku kubaha intumbero y'uko ibihugu bingana imbere y'amategeko, kandi bifise uburenganzira bwo gutunganya ivy'abo, ibihugu bihurikiye mw'ishirahamwe mpuzamakungu birafasha bimwe biboneka :

a) Uguteza imbere ukubaho kw'abanyagihugu, akazi n'ivyokorwa vyotuma haba amajambere n'iterambere bifatiye ku butunzi bw'imibano.
b) Ugutorera umuti ingorane mpuzamakungu mu vy'ubutunzi, imibano, amagara y'abantu, n'izindi ngorane bikunda kujana, no gufashanya kw'ibihugu mpuzamakungu mu bisata vyo guhimiriza ubumenyi n'indero.
c) Kubaha no kubahiriza kw'isi amategeko agenga ikiremwa muntu vy'agateka kuri bose utaravye ubwoko, igitsina, ururimi n'idini.

Ingingo ya 56

Abanywanyi biyemeje ko kugira bashikire ivyo biyemeje nkuko vyanditse mu ngingo ya 55, gukora, mu gushira inguvu hamwe kibure umwe wese akore ku giti c'iwe mu gufashanya n'ishirahamwe bahurikiyemwo.

Ingingo ya 57

1. Inzego z'abahinga zinyuranye zikomoka ku masezerano y'ibihugu ategekanye mu mategeko akagenga amabanga mpuzamakungu mu bisata vy'ubutunzi, imibano, guhimiriza ubumenyi bw'indero, amagara y'abantu, n'ibindi bisata bifatanye, imigenderanire y'izo nzego n'ishirahamwe mpuzamakungu yisunga ibitegekanywa n'ingingo ya 63.
2. Inzego zunga imigenderanire n'iryo shirahamwe bazita « inzego z'abahinga ».

Ingingo ya 58

Ishirahamwe rirashikiriza ingingo zikenwe zijanye no gutunganya ibitegekanijwe n'ibikorwa vy'inzego z'abahinga.

Ingingo ya 59

Ishirahamwe riratuma iyo ari ngombwa haba ukwumvikana kw'ibihugu vyegwa n'ivyo bibazo, kugira hashingwe inzego zishasha z'abahinga zikenewe kugira haranguke imigambi yategekanijwe n'ingingo ya 55.

Ingingo ya 60

Inama ya bose ifadikanije n'inama y'ubutunzi n'imibano, nivyo birangura amabanga y'ishirahamwe nkuko ategekanijwe n'iki kigabane.
Inama y'ubutunzi n'imibano isanzwe itwagwa n'inama ya bose, ububasha bw'ayo butegekanijwe n'ikigabane ca X.

IKIGABANE CA X

INAMA Y'UBUTUNZI N'IMIBANO

Abayigize

Ingingo ya 61

1. Inama y'ubutunzi igizwe n'ibihugu mirongo itanu na bine mu banywanyi bahurikiye mw'ishirahamwe mpuzamakungu batowe n'inama ya bose.
2. Kiretse ibitegekanijwe n'agace ka gatatu abanywanyi 18 mu bagize inama y'ubutunzi n'imibano batorwa buri mwaka kugira barangure amabanga yoba mu kiringo c'imyaka itanu. Abari basanzwe mur'ayo mabanga, baremerewe guca bitoza ubwo nyene.
3. Igihe c'amatora ya mbere azoba mu nyuma yaho igitigiri c'abanywanyi bagize inama y'ubtunzi n'imibano, kizova kuri mirongo ibiri n'indwi kikaja kuri mirongo itanu na bane, abanywanyi mirongo ibiri n'indwi bazotorwa biyongera ku bazoba batowe mu gusubiriza abanywanyi icenda bazoba bahejeje amabanga yabo kubera ikiringo c'ayo mabanga kizorangira mu mpera z'umwaka.
Ikiringo c'abanywanyi icenda murabo mirongo ibiri n'indwi biyongereyeko kizomara umwaka, n'ayo ikiringo c'abandi banywanyi icenda kizorangira inyuma y'imyaka ibiri hakurikijwe ingingo zishingwa n'inama ya bose.
4. Umunywanyi wese ari mu nama y'ubutunzi n'imibano afise uwumuserukira mur'iyo nama.

Amabanga n'ububasha

Ingingo ya 62

1. Inama y'ubutunzi n'imibano irashobora gukora canke igatuma haba ivyigwa n'ivyegeranyo ku bibazo mpuzamakungu mu bisata vy'ubutunzi, imibano, guhimiriza ubumenyi n'indero, amagara y'abantu n'ibindi bisata bijana, kandi irashobora gushikiriza ingingo zibereye zijana n'ivyo bibazo vyose, inama ya bose, abanywanyi bahurikiye kw'ishirahamwe mpuzamakungu hamwe n'inzego z'abahinga zegwa n'ivyo bibazo.
2. Irashobora gushikiriza ingingo zikenewe kugira hubahirizwe amategeko agenga ikiremwa muntu n'agateka kuri bose.
3. Irashobora, ku bibazo biri mu mabanga ijejwe gutegura imigambi y'amasezerano kugira iyishikirije inama ya bose.
4. Irashobora gutumako, hakurikijwe ingingo zashinzwe n'ishirahamwe, inama mpuzamakungu kugira ice hirya no hino ibibazo biri mu mirimo ijejwe.

Ingingo ya 63

1.Inama y'ubutunzi n'imibano irashobora kugiranira amasezerano n'urwego urwarirwo rwose rutegekanijwe n'ingingo ya 57, irategekanya ivyokorwa kugira urwo rwego rukorane n'ishirahamwe. Ayo masezerano yemezwa n'inama ya bose.
2. Irashobora gutunganya ibikorwa vy'inzego z'abahinga habanje kuba ibiganiro mu kubashikiriza ingingo zibereye, no mu gushikiriza ingingo zibereye inama ya bose, n'abanywanyi b'ishirahamwe, n'ibihugu mpuzamakungu.

Ingingo ya 64

1. Inama y'ubutunzi n'imibano irashobora gufata ingingo zose zikenewe, kugirango ironke ivyegeranyo vy'ivyaranguwe n'inzego z'abahinga.
Irashobora kumvikana n'abanywanyi b'ishirahamwe n'inzego z'abahinga, kugira ngo baronke ivyegeranyo z'ivyaranguwe ku ngingo zafashwe mu gushira mu ngingo, ingingo zayo zibereye n'ingingo zibereye zafashwe n'inama ya bose, ku bibazo biri mu mabanga yayo.
2.Irashobora gushikiriza inama ya bose ico yibaza kur'ivyo vyegeranyo c'ivyaranguwe.

Ingingo ya 65

Inama y'ubutunzi n'imibano, irashobora gushikiriza amakuru inama y'umutekano ikanayifasha igihe ibiyisavye.

Ingingo ya 66

1. Inama y'ubutunzi n'imibano mu gushira mu ngiro ingingo zibereye zashinzwe n'inama ya bose ikoresha mu mabanga yose ihabwa n'ububasha ifise.
2. Irashobora, inama ya bose ivyemeje gukora ibikorwa vyose bisabwa n'abanywanyi b'ishirahamwe kibure ibisabwe n'inzego z'abahinga.
3.Irarangura ayandi mabanga ihabwa n'ibindi bigabane vy'iri sezerano canke ishobora guhabwa n'inama y abose.

Amatora

Ingingo ya 67

1.Umunywanyi wese w'inama y'ubutunzi n'imibano afise ijwi rimwe.

2.Ingingo z'inama y'ubutunzi n'imibano zifatwa baravye amajwi ya benshi mu banywanyi bahari kandi batoye.

Ingene bitunganijwe

Ingingo ya 68

Inama y'ubutunzi n'imibano irashinga imirwi ijejwe kwiga ibibazo vy'ubtunzi n'imibano n'iterambere ry'amateka yega ikiremwa muntu hamwe n'iyindi mirwi yose yokenera kugira irangure amabanga ajejwe.

Ingingo ya 69

Inama y'ubutunzi n'imibano igihe iriko iriga ikibazo cega ku giti ciwe umunywanyi w'ishirahamwe, iraheza igatumira uwo munywanyi akitaba iyo nama, agashikiriza ingorane ziwe, mugabo nta burenganzira afise bwo gufata ingingo kur'ivyo bibazo.

Ingingo ya 70

Inama y'ubutunzi n'imibano irashora gufata ingingo zose zokenewe, kugira ngo abaserukira inzego z'abahinga bitabe, naho badafata ingingo, ibikorwa vy'inama n'ivyimirwi yashinze, kandi kugirango abayiserukira mu nzego z'abahinga, bitabe bongere bashikirize ivyiyumviro vyabo.

Ingingo ya 71

Inama y'ubutunzi n'imibano irashobora gufata ingingo zose zikinewe, kugira isabe impanuro amashirahamwe ategamiye Leta, ku bibazo biri mu mabanga ijejwe.
Izo ngingo zirashobora gukurikizwa n'ishirahamwe mpuzamakungu, kandi iyo bishoboka, zirakwirikizwa mu mashirahamwe y'ibihugu, ibanje kubaza umunywanyi w'ishirahamwe yegwa n'izo ngingo.

Ingingo ya 72

1.Inama y'ubutunzi n'imibano, irashinga amategeko ayigenga, muri yo igashinga ingene umukuru wayo agenwa
2.Irakorana igihe cose bikenewe, yisunze ayo mategeko ayigenga; mur'ayo hakabamwo igingo zitegekanya ingene inama itumwako isabwe na benshi mu banywanyi.

IKIGABANE CA XI

AMASEZERANO YEREKEYE IBIHUGU BITARASHIKIRA INTAHE YO KWIKUKIRA

Ingingo ya 73

Abanywanyi b'ishirahamwe ry'ibihugu mpuzamakungu, bafise amabanga yo kurongora ibihugu benevyo batararonswa ubwigenge bukwiye, baremeza intumbero yo gushira imbere inyungu z'abanyagihugu.

Baremera nk'ibanga rihambaye gukora ibishoboka vyose, kugira ngo abanyagihugu batunganirwe mu mahoro n'umutekano mpuzamakungu vyashinzwe n'iri sezerano, kandi kubera iyo ntumbero :

a. gutunganya, mu kwubaha imigenzo y'abanyagihugu, iterambere ry'abo mu vya politike, ubutunzi n'imibano, hamwe n'iterambere ry'ubumenyi bwabo, mu gufata ingingo zibereye mu kubatunganiriza, no mu kubakingira agahotoro n'akarenganyo.
b. gutez'imbere ububasha bwabo bwo kwigenga gufatira ku vyifuzo vya politike vy'abanyagihgu, no kubafasha gushinga inzego za politike bashaka, ufatiye ku mibereho y'igihugu, y'abanyagihugu baco, no ku rugero rutandukanye rw'iterambere ry'ico gihugu.
c. gutsimbataza amahoro n'umutekano mpuzamakungu
d. guhimiriza ingingo zituma haba iterambere, guhimiriza ibikorwa vy'ubushakashatsi, ugufashanya kw'ibihugu bitarikukira, kandi n'iyo bishoboka bigafashanya n'amashirahamwe mpuzamakungu y'abahinga, kugira bashikire umugambi biyemeje muvy'imibano, ubutunzi n'ubuhinga nkuko bitegekanijwe n'iyi ngingo.
e. kumenyesha umunyamabanga mukuru, kiretse ibijanye n'umutekano n'akaranga k'ico gihugu, amakuru ajanye n'ibiharuro n'ibindi vyigwa vy'abahinga muvy'ubutunzi, imibano n'ubumenyi mu bihugu barongoye, uretse ibihugu birongorwa, hakwirikijwe ibigabane vya XII na XIII.

Ingingo ya 74

Abanywanyi b'ishirahamwe baremera ko politike yabo itegerezwa kwisunga, ufatiye ku bihugu birongorwa hakurikijwe iki kigabane, kibure ufatiye ku bihugu ababirongoye baturukamwo, intumbero y'imibereho myiza mu bisata vy'umibano, ubutunzi n'ubudandaji, ufatiye ku nyungu n'imibereho y'ibindi bihugu vyo kw'isi.

IKIGABANE CA XII

INTWARO MPUZAMAKUNGU IJEJWE GUSHIKANA IBIHUGU KU NTAHE YO KWIKUKIRA.

Ingingo ya 75

Ishirahamwe ry'ibihugu mpuzamakungu, rizoshinga intwaro mpuzamakungu ijejwe gushikana ibihugu ku ntahe yo kwikukira, izoba ijejwe kurongora no gucungera ivyo bihugu biri mur'iyo ntwaro, hakurikijwe amasezerano abiraba, azoterwako igikumu mu nyuma. Ivyo bihugu bizokwitwa "Ibihugu bitwarwa n'amakungu".

Ingingo ya 76

Hakurikijwe imigambi y'ibihugu mpuzamakungu nkuko bitegekanijwe n'ingingo ya mbere y'ayo masezerano, imigambi nyamukuru n'intwaro mpuzamakungu n'iyikwirikira :

a. kubungabunga amahoro n'umutekano mu makungu

b. guhimiriza iterambere mu vya politike, ubutunzi n'imibano vy'abanyagihugu begwa n'iyo ntwaro mpuzamakungu, n'iterambere muvy'inyigisho, gukora ibishoboka vyose, kugirango baronke ububasha bwobashikana gutunganya ivy'igihugu cabo, kibure kwikukira ufatiye ku karanga n'imico vy'ico gihugu, n'ivyifuzo vy'abanyagihugu

bashikiriza mu mwidegemvyo, n'ingingo zizotegekanywa mu masezerano azogenga intwaro yose.

c. guhimiriza kwubaha amateka yega ikiremwa muntu, n'agateka kuri bose ata kuvangura bifatiye ku bwoko, ku gitsina, ururimi kibure idini, no guhimiriza umutima wo gufashanya kw'ibihugu vyo kw'isi.

d. gutuma abanywanyi b'ishirahamwe n'abanyagihugu b'ivyo bihugu batunganirizwa ku rugero rumwe mu bisata vy'imibano, ubutunzi, ubudandaji, ubutungane, ivyo mugabo bikaba atawuhonyanze irangurwa n'imigambi yamaze kuvugwa, kandi atawirengagije ibitegekanijwe n'ingingo ya 80.

Article 77

1.Intwaro mpuzamakungu izokwirikizwa ku bihugu biri mu mirwi ikwirikira izokwisunga iyo ntwaro hakwirikijwe amasezerano avyerekeye :

a. ibihugu bihagarikiwe imbere yuko vyikukira.

b.ibihugu bishobora kuvanwa mu bihugu vy'abansi inyuma y'intambara ya kabiri y'isi yose.

c.ibihugu vyashizwe mur'iyo ntwaro bivuye ku gushaka kw'ama Leta arongoye ivyo bihugu

2. Isezerano rizokwirikira, rizokwerekana ibihugu bizoja mur'iyo mirwi ihejeje kuvugwa ritomore ibihugu bizokwisunga iyo ntwaro y'amakungu, hamwe n'ibizobanza kurangurwa.

Ingingo ya 78

Intwaro mpuzamakungu izokwirikizwa ku bihugu vyabaye binywanyi vy'ishirahamwe mpuzamakungu.

Imigenderanire igenga ivyo bihugu, ikaba ishingiye ku ntumbero y'uko igihugu cose cigenga kandi ko vyose bingana.

Ingingo ya 79

Amasezerano agenga intwaro mpuzamakungu ku gihugu icarico cose kirongorwa hakurikijwe iyo ntwaro hamwe n'ivyohinduka mur'ayo masezerano, bizotomorwa n'isezerano rizoba hagati y'ama Leta yegwa n'iyo ntwaro harimwo igihugu cagenywe ngo kirongore ivyo bihugu, mu gihe iyo ntwaro yerekeye igihugu gihurikiye mw'ishirahamwe ry'ibihugu mpuzamakungu; kandi ayo masezerano agategerezwa kwemerwa hakurikijwe ingingo za 83 na 85.

Ingingo ya 80

1. Kiretse ivyova mu masezerano yandi y'intwaro mpuzamakungu yavuye mu mwumvikano hakwirikijwe ingingo za 77, 79, 81, ayo masezerano agatuma igihugu cose cisunga iyo ntwaro, kandi mu kurindira ko ayo masezerano aterwako igikumu, nta ngingo n'imwe y'iki kigabane izohabwa insiguro yoba ijanye no guhindura uburyo ubwari bwo bwose, amateka ayari yose, ya Leta iyari yo yose, canke iyabanyagihugu, canke ingingo mpuzamakungu, abanywanyi bahurikiye mw'ishirahamwe mpuzamakungu bateyeko igikumu.

2. Agace ka mbere k'iyi ngingo ntigataegerezwa gufatwa nkuko koba gashaka gutuma haba uguteba canke gusubiza inyuma isezerano kibure amasezerano afise intumbero yo gushira mu ntwaro mpuzamakungu ibihugu vyahawe ababirongora, canke ibindi bihugu birongorwa hakwirikijwe ingingo ya 77.

Ingingo 81

Isezerano ryose rishinga intwaro mpuzamakungu rirategekanya ingene igihugu cashizwe mur'iyo ntwaro kizorongorwa rikanagena ubutegetsi buzokirongora, ubwo butegetsi bwitwa , ubutegetsi bujejwe intwaro", bushobora kuba bugizwe na Leta, kibure ama Leta, kibure ishirahamwe ryo nyene.

Ingingo ya 82

Isezerano rigenga iyo ntwaro mpuzamakungu, rirashobora kugena akarere, kibure uturere, two gukinga intambara tugizwe n'igihugu, kibure igice c'igihugu cashizwe mur'iyo ntwaro hakwirikijwe iryo sezerano, mugabo atawuhonyanze isezerano riri ukwaryo, kibure amasezerano ari ukwayo yapfunditswe hakwirikijwe ingingo ya 43.

Ingingo ya 83

1. Ku bijanye n'uturere two gukinga intambara, harimwo amabanga yega ishirahamwe, harimwo ukwemeza vyapfunditswe mu masezerano y'intwaro mpuzamakungu hamwe n'ivyohindurwa mur'ayo masezerano birangurwa n'inama y'umutekano.
2. Imigambi nyamukuru yategekanijwe n'ingingo ya 76 ikwirikizwa ku banyagihugu bo mu turere two gukinga intambara.
3.Inama y'umutekano, iravye ingingo ziri mu masezerano y'intwaro mpuzamakungu, kandi itiriwe iraraba imvo z'umutekano, izokenera imfashanyo y'urwego rujejwe intwaro mpuzamakungu mu kurangura amabanga yega ishirahamwe ku bijanye n'intwaro mpuzamakungu mu bijanye na politike, ubutunzi n'imibano, hamwe n'ibijanye n'inyigisho mu turere two gukinga intambara.

Ingingo ya 84

Ubutegetsi bujejwe intwaro butegerezwa gukora ibishoboka vyose, kugira igihugu kiri mur'iyo ntwaro gitange intererano yaco, mu kubungabunga amahoro n'umutekano kw'isi.
Kubera ivyo, ubwo butegetsi bushobora gukoresha inteko z'abitanga ku gushaka kwabo, imfashanyo y'igihugu kiri mur'iyo ntwaro, kugira ubwo butegetsi bushobore kurangura ivyo bwiyemeje mu masezerano bagiriraniye n'inama y'umutekano, hamwe no mu kubungabunga umutekano w'igihugu kiri mur'iyo ntwaro.

Ingingo ya 85

1. Ku vyerekeye amasezerano ashinga intwaro mpuzamakungu ku bijanye n'uturere twose atar'utwo gukinga intambara, amabanga y'ishirahamwe, harimwo ukwemeza ivyo bumvikanye mu masezerano y'intwaro mpuzamakungu, hamwe n'ingene ayo masezerano yohindurwa, kibure akunganirwa, birangurwa n'inama ya bose.
2.Inama ijejwe intwaro mpuzamakungu yisunze amategeko ihabwa n'inama ya bose, irafasha iyo nama ya bose mu kurangura imirimo yayo.

IKIGABANE CA XIII

INAMA IJEJWE INTWARO MPUZAMAKUNGU

Abayigize

Ingingo ya 86

1.Inama ijejwe intwaro mpuzamakungu igizwe n'abanywanyi bakwirikira bahurikiye mw'ishirahamwe mpuzamakungu :

a. abanywanyi baronse amabanga yo kurongora ibihugu biri muri iyo ntwaro.

b.bamwe mu banywanyi batahawe ayo mabanga y'intwaro, mugabo bagenywe n'ingingo ya 23.

c. abandi banywanyi batorwa mu kiringo c'imyaka itatu n'inama ya bose bazoba bakenewe kugira ngo igitigiri c'abagize inama ijejwe intwaro mpuzamakungu, habe harimwo abanywayi b'ishirahamwe mpuzamakungu bahawe amabanga yo kurongora ibihugu biri mur'iyo ntwaro, hamwe n'abandi batahawe amabanga.

2.umunywanyi wese wo mur'iyo nama aragena umuntu w'incabwenge kugirango amuserukire mur'urwo rwego.

Amabanga n'ububasha

Ingingo ya 87

Inama ya bose akaba ari nayo irongoye inama ijejwe intwaro mpuzamakungu hamwe n'urwo rwego mu kurangura amabanga yabo, barashobora :

a. kugenzura ivyegeranyo vy'ibirangurwa n'ubutegetsi bujejwe intwaro.

b. kwakira ibirego bakabirabira hamwe n'ubwo butegetsi.

c.kugendera, hakwirikijwe ikiranga minsi bumvikanye, ibihugu vyashizwe mur'iyo ntwaro.

d.gufata ingingo zose zishoboka zijanye n'amasezerano y'iyo ntwaro mpuzamakungu.

Ingingo ya 88

Inama ijejwe intwaro mpuzamakungu irashinga urutonde rw'ibibazo bijanye n'iterambere ry'abanyagihgu b'igihugu cose cashizwe mu ntwaro mpuza makungu, mu bisata vya politike, ubutunzi n'imibano, hamwe n'ibijanye n'inyigisho, ubutegetsi bujejwe intwaro mpuzamakungu iyari yo yose, bukaba bukukira inama ya bose, butegerezwa kuyishikiriza buri mwaka icegeranyo c'ivyatohojwe bijanye n'urutonde rwa vya bibazo vyavugwa.

Amatora

Ingingo ya 89

1. Umunywanyi wese w'inama ijejwe intwaro mpuzamakungu afise ijwi rimwe.

2.Ingingo z'inama ijejwe intwaro mpuzamakungu zishingwa bafatiye ku majwi ya benshi, ku banywanyi bahari kandi batoye.

Ingene bitunganijwe

Ingingo ya 90

1. Inama ijejwe intwaro mpuzamakungu irashinga itegeko riyigenga, muri ryo, rigategekanya ingene hatorwa umukuru w'urwo rwego
2. Abayigize baragira amanama iyo bikenewe bisunze itegeko riyigenga. Iryo tegeko rirategekanya ingingo bisunga, mu gutumako inama y'urwo rwego iyo bisabwe na benshi mu banywanyi.

Ingingo ya 91

Inama ijejwe intwaro mpuzamakungu, irasaba iyo bikenewe agacumu k'ubumwe k'inama n'ubutunzi n'imibano, hamwe n'akinzego z'abahinga, ku bibazo bijanye n'imirimo yabo.

IKIGABANE CA XIV

SENTARE MPUZAMAKUNGU Y'UBUTUNGANE

Ingingo ya 92

Sentare mpuzamakungu y'ubutungane n'urwego rukuru rw'ubutungane rw'ibihugu bihurikiye mw'ishirahamwe mpuzamakungu.
Iyo sentare irangura imirimo yayo yisunze amategeko yashinzwe hakwirikijwe amategeko ngenderwako ya sentare y'ubutungane mpuzamakungu, kandi afatanye n'iri sezerano, akongera akaba igice caryo.

Ingingo ya 93

1. Abanywanyi bose bahurikiye mw'ishirahamwe mpuzamakungu, ata kindi kirinze gusabwa, baca bagengwa n'amategeko agenga sentare mpuzamakungu y'ubutungane
2. Ibisabwa ama Leta atari mu banywanyi b'ishirahamwe ry'ibihugu mpuzamakungu, kugira bashobore kugengwa n'amategeko ya sentare mpuzamakungu y'ubutungane, bishingwa k'uwubisaba ku giti ciwe, n'inama ya bose ibisabwe n'inama y'umutekano.

Ingingo ya 94

1. Umunywanyi wese ahurikiye mw'ishirahamwe ry'ibihugu mpuzamakungu, yiyemeze kwisunga ingingo ya sentare mpuzamakungu y'ubutungane, mu matati ayari yo yose amwega.
2. Iyo umuburanyi atakoze ivyashinzwe n'ingingo ya sentare , uwo baburana arafise uburenganzira bwo kwitura inama y'umutekano, iyi nayo ibonye ari ngombwa, irashobora gushikiriza ingingo zibereye uwo muburanyi yokwisunga, canke igafata ingingo zotuma ingingo za sentare zikwirikizwa.

Ingingo ya 95

Nta ngingo n'imwe y'iri sezerano ibuza abanywanyi b'ishirahamwe bitura izindi sentare, kugira zitorere inyishu amatati yabo, bisunze amasezerano ahasanzwe, kibure n'ayandi bazoterako igikumu muri kazoza.

Ingingo ya 96

1. Inama ya bose kibure inama y'umutekano, irashobora gusaba sentare mpuzamakungu y'ubungane ico yibaza ku kibazo icari co cose kijanye n'amategeko.
2. Izindi nzego zose z'ishirahamwe, hamwe n'inzego z'abahinga, zirashobora igihe icari co cose kuronswa uruhusha, n'inama ya bose kugira bashobore gusaba sentare ivyiyumviro ku bibazo bijanye n'amategeko vyobadadanira igihe bariko barangura imirimo bajejwe.

IKIGABANE CA XV

AKAZI K'UMUNYAMABANGA

Ingingo ya 97

Akazi k'umunyamabanga kagizwe n'umunyamabanga mukuru, hamwe n'abakozi ishirahamwe ryokenera. Umunyamabanga mukuru agenwa n'inama ya bose atanzwe n'inama y'umutekano. Niwe mukozi wa mbere mu bwira no mu bukerebutsi mw'ishirahamwe.

Ingingo ya 98

Umunyamabanga mukuru arangura ayo mabanga mu mirimo yose y'inama ya bose, y'inama y'umutekano, y'inama y'ubutunzi n'imibano, hamwe n'inama ijejwe intwaro mpuzamakungu. Ararangura n'ibindi bikorwa ashinzwe n'izo nzego. Arashikiriza inama ya bose icegeranyo c'ivyo ishirahamwe ryaranguye buri mwaka.

Ingingo ya 99

Umunyamabanga mukuru arashobora gukebura inama y'umutekano, ku kibazo cose yoba yibaza ko cotuma amahoro n'umutekano kw'isi bihungabana.

Ingingo ya 100

1. Mu kurangura amabanga bajejwe, umunyamabanga mukuru n'abakozi ntibazosaba kibure ngo bemere amategeko ya Leta iyari yo yose, kibure y'umutegetsi uwari wese atari mw'ishirahamwe. Bazokwirinda imyifato iyari yose, iteye kubiri n'amabanga y'umukozi mpuzamakungu, kandi ntawundi abagaba atari ishirahamwe.
2. Umunywanyi wese w'ishirahamwe yiyemeza kubaha ayo mabanga mpuzamakungu y'umunyamabanga mukuru n'abo bakorana, kandi akirinda kubatamika ijambo mu mirimo yabo.

Ingingo ya 101

1.Abakozi bagenwa n'umunyamabanga mukuru yisunze amategeko yashinzwe n'inama ya bose.
2.Abakozi badasanzwe bashingwa amabanga ntayegayezwa mu biro vy'inama y'ubutunzi n'imibano, vy'inama ijejwe intwaro mpuzamakungu, n'iyo bikenewe mu biro vy'izindi nzego z'ishirahamwe. Abo bakozi bari mu rwego rw'akazi k'umunyamabanga
3. Ivyo baraba mu gutanga akazi no mugushinga ibisabwa, kugira akazi karanguke neza, bisunga intummbero yuko akazi kohabwa abantu bafise ubumenyi n'ubuhinga

buhanitse, hamwe n'ubushingantahe n'imigenzo myiza. Bazoraba kandi mu gutanga akazi ko uturere twisi twaserukiwe ata karenganyo.

IKIGABANE CA XVI

INGINGO ZINYURANYE

Ingingo ya 102

1.Isezerano ryose mpuzamakungu rizogirwa n'umubanyi ahurikiye mw'ishirahamwe

ry'ibihugu mpuzamakungu inyuma yaho iri sezerano rizoshigwako igikumu, iryo sezerano rizoca, mu maguru masha, ryandikwa mu biro vy'umunyamabanga, ryongere rice rimenyeshwa abanywanyi.
2.Nta n'umwe mu bazoba begwa n'isezerano mpuzamakungu ritazoba ryanditswe mu biro vy'umunyamabanga mukuru, nkuko bitegekanijwe n'ako gace ka mbere k'iyi ngingo, azogira ico abaza kijanye n'iryo sezerano imbere y'urwego rw'ishirahamwe.

Ingingo ya 103

Igihe hokwaduka amatati hagati y'ivy'abanywanyi bahurikiye mw'ishirahamwe mpuzamakungu biyemeje kubw'iri sezerano, hamwe n'ivyo biyemeje kubw'irindi sezerano ryose mpuzamakungu, ivyo biyemeje kubw'iri sezerano nivyo bizotsinda.

Ingingo ya 104

Ishirahamwe rirafise ku gataka k'igihugu cose kinywanyi ububasha rihabwa n'amategeko bwo kurangura amabanga rijejwe, kugira riragnure ivyo ryiyemeje.

Ingingo ya 105

1.Ishirahamwe rirafise ku gataka k'igihugu cose kinywanyi, uburenganzira bwo kworoherezwa muvy'ubutungane no kudakwirikiranwa ku vyaha boba bagirizwa, kugira ngo barangure imirimo yabo.
2.Abaserukira abanywanyi bahurukiye mw'ishirahamwe mpuzamakungu, nabo nyene barafise uburenganzira bwo kworoherezwa mu vy'ubutungane, no kudakwirikiranwa ku vyaha bagirizwa, kugira barangure mu mwidegemvyo amabanga bajejwe ajanye n'ishirahamwe.
3.Inama ya bose irashobora gushikiriza ingingo zibereye zijanye no gutomora ingene uduce twa 1 na 2 tw'iyi ngingo twokurikizwa, canke igashikiriza abanywanyi amasezerano bijanye.

IKIGABANE CA XVII

INGINGO MFATAKIBANZA Z'UMUTEKANO

Ingingo ya 106

Mu kurindira ko amasezerano ategekanijwe n'ingingo ya 43 atangura gukurikizwa, ayo nayo akaba nkuko inama y'umutekano ibizirikana, ariyo azoyituma irangura amabanga ayega, yisunze ingingo ya 42.
Ibihugu vya rutura bine vyateye igikumu kw'isezerano ry'i Moscou ryo kuwa 30 gitugutu 1943, hamwe n'ubufaransa, bazokwumvikana hagati yabo, bishoboka, bashiremwo n'abandi banywanyi b'ishirahamwe, bisunze ingingo z'agace ka 5 k'iryo sezerano, kugira batangure bari hamwe kurangura ibikorwa vyabo, arinkenerwa, kugirango habungabungwe amahoro n'umutekano kw'isi.

Ingingo ya 107

Nta ngingo n'imwe y'iri sezerano yoba intambamyi, kibure ngo ibuze ku biraba Leta yabaye igihe c'intambara ya kabiri y'isi, umwansi y'uwari we wese mu bateye igikumu kur'ayo masezerano, igikorwa caranguwe, kibure carekuwe, ku ngaruka y'iyo ntambara, ku ma Leta afise amabanga yo kurangura ico gikorwa.

IKIGABANE CA XVIII

IHINDURWA RY'INGINGO

Ingingo ya 108

Ibizohindurwa mur'iri sezerano rizotangura gukurikizwa ku banywanyi bose bahurikiye mw'ishirahamwe ry'ibihugu mpuzamakungu igihe bizoba vyemejwe n'abanywanyi benshi ku rugero rw'ibice bibiri kuri bitatu vy'abitavye inama ya bose bikongera bikemezwa bisunze amategeko y'amabwirizwa nshingiro y'ibihugu vyabo, ku rugero rwa babiri kuri batatu rw'abanywanyi bagize ishirahamwe mpuzamakungu, harimwo ibihugu binywanyi ntayegeyezwa bigize inama y'umutekano.

Ingingo ya 109

1.Ikoraniro ridasanzwe ry'abanywanyi bahurikiye mw'ishirahamwe ry'ibihugu mpuzamakungu, kugira risubiremwo iri sezerano, rishobora kuzokorana mu kibanza n'italiki rizoshingwa n'amajwi y'inama ya bose, vyemejwe na benshi, ku rugero rw'ibice bibiri kuri bitatu, hamwe n'amajwi icenda y'abanywanyi abari bo bose bagize inama y'umutekano. Mur'iryo koraniro, umunywanyi wese w'ishirahamwe azoba afise ijwi rimwe.
2.Ihindurwa iryari ryo ryose ry'iri sezerano, ryasabwe n'ikoraniro ku majwi ya benshi, ku rugero rwa babiri kuri batatu, rizotangura gukurikizwa mu gihe rizoba rimaze kwemezwa n'amabwirizwa nshingiro y'ibihugu binyuranye, na babiri kuri batatu mu banywanyi bahurikiye mubihugu vy'ishirahamwe mpuzamakungu, harimwo ibihugu vyose binywanyi bigize inama y'umutekano.

3.Mu gihe iryo koraniro ritoba ryabaye imbere y'inama ya bose igira cumi yama iba buri mwaka rizokwirikira ishirwa mu ngiro ry'iri sezerano, icifuzo co gutumako iryo koraniro kizoba canditse ku rutonde rw'ibizokwigwa mur'iyo nama ya bose.
Mur'ico gihe, ikoraniro rizoshobora kuba niyo vyemezwa n'amajwi ya benshi mu bitavye inama ya bose, hamwe n'amajwi y'ibihugu indwi binywanyi ivyari vyo vyose bigize inama y'umutekano.

IKIGABANE CA XIX

KWEMEZA ISEZERANO HAMWE NO KURITERAKO IGIKUMU

Ingingo ya 110

1.Iri sezerano rizokwemezwa n'ibihugu bizoba vyariteyeko igikumu vyisunze amabwirizwa nshingiro yavyo.
2.Ivyemezo bizorungikirwa Leta y'ibihugu vyunze ubumwe vya Amerika, izoce imenyesha icemezo cose ibihugu vyose vyayiteko igikumu, yongere ibimenyeshe umunyamabanga mukuru w'ishirahamwe mu gihe azoba yamaze kuganwa.

3.Iri sezerano rizotangura gukurikizwa inyuma y'ivyemezo vya Repuburika y'ubushinwa, ubufaransa, ishirahamwe ry'ibihugu bigize uburusiya, ubwongereza, ibihugu vyunze ubumwe vya Amerika, hamwe na benshi mu bihugu vyariteyeko igikumu.
Icegeranyo c'ingene ivyemezo vyashikirijwe, kizoca kigirwa na Leta y'ibihugu vyunze ubumwe vya Amarika ikazoca irungukira ikopi ibihugu vyose vyariteye ko igikumu.
4.Ibihugu vyateye igikumu kur'iri sezerano, bikazoryemeza inyuma yaho rizoba ryatanguriye gukurikizwa bazoba babaye abanywanyi bambere b'ishirahamwe ry'ibihugu mpuza makungu, kw'itariki bazoba bashikirije ko ivyemezo vyabo.

Ingingo ya 111

Iri sezerano uko rizoba ryanditse, mu gishinwa, mu gifaransa, mu kirusiya, mu congereza no mu ki espanyole, rizoba ryemewe, rizoshingurwa mu bubiko bw'amabanga y'igihugu ca Leta zunze ubumwe za Amerika.
Amakopi azoba ariko ibimangu vyerekana kw'asa n'ayakomokako, azoca arungukirwa n'ico gihugu ku ma Leta yose yayateye ko igikumu.

KUBERA IVYO VYEMEZO, abaserukira amaleta ahurikiye mu bihugu vy'ishirahamwe mpuzamakungu, barateye igikumu kur'iri sezerano.

Bigiriwe i san Francisco, kuwa mirongo ibiri na gatandatu, Ruheshi, umwaka w'igihumbi n'amajana icenda na mirongo ine na gatanu.

AMATEGEKO NGENDERWAKO YA SENTARE MPUZAMAKUNGU Y'UBUTUNGANE

Ingingo ya 1

Sentare mpuzamakungu y'ubutungane yashinzwe n'iri sezerano ry'ibihugu mpuzamakungu ngo ribe urwego rukuru rw'ubutungane rw'ishirahamwe ruzotunganywa kandi ruzorangura amabanga yarwo rwisunze aya mategeko ngenderwako.

IKIGABANE CA I

INGENE SENTARE ITUNGANIJWE

Ingingo ya 2

Sentare igizwe n'abacamanza bigenga, batowe, bataravye ubwenegihugu bwabo mu bantu bafise icubahiro gikomeye kubera ubushingantahe n'imigenzo myiza, kandi bakwiye ibisabwa, kugira barangure mu bihugu vyabo, amabanga akomeye mu rwego rw'ubutungane, kibure bakaba abahanuzi bakomeye muvy'ubutungane bakaba bafise n'ubumenyi buhanitse mu gisata c'amategeko mpuzamakungu.

Ingingo ya 3

1.Sentare igizwe n'abantu cumi na batanu, ntagihugu kirekuriwe guserukirwa muriyo Sentare n'umuntu arenga umwe.
2.Kubera ivyo, uwo bokwibaza ko aserukira igihugu kirenga kimwe, azoca afatwa nk'uko yoba aserukira igihugu, asanzwe aranguramwo amateka y'abenegihugu.

Ingingo ya 4

1. Abagize iyo Sentare batorwa n'inama ya bose hamwe n'inama y'umutekano k'urutonde rw'abantu batanzwe n'inama kavukire igize Sentare ntayegayezwa yumvikanisha abayituye hakurikijwe ingingo zikurukira.
2.Ku vyerekeye abanywanyi bahurikiye mw'ishirahamwe ry'ibihugu mpuzamakungu badafise ababaserukira muri sentare ntayegayezwa yumvikanisha abayituye, abifuza kurangura amabanga muriyo sentare mpuzamakungu bazotangwa n'imigwi yaba kavukire, ama Leta yabo ace atora murabo batanzwe n'iyo mirwi nkuko bisanzwe bigenda mukugena abagize Sentare ntayegayezwa yo kwumvikanisha abayituye hakurikijwe ingingo ya 44 y'isezerano ry'I La Haye ryo mu mwaka wa 1907 ritegekanya gukoresha uburyo bw'amahoro mu gutorera inyishu amatati mpuzamakungu.
3. Mu gihe ata sezerano ribitegekanya, inama ya bose, ibitegetswe n'inama y'umutekano, izoshinga ingingo zizokurikizwa mu gutora abifuza kurangura amabanga muriyo sentare bakaba barateye igikumu kuriri sezerano, mugabo atari abanywanyi b'ishirahamwe ry'ibihugu mpuzamakungu.

Ingingo ya 5

1. Amezi atatu n'imiburiburi imbere y'italiki y'amatora, umunyamabanga mukuru w'ishirahamwe ry'ibihugu mpuzamakungu ararungikira ubutumire bwanditse abagize

sentare ntayegayezwa yo kwumvikanisha abayituye bakomoko mu bihugu vyateye igikumu kuriri sezerano, hamwe n'abagize imirwi kavukire bagenywe hakurikijwe agace ka 2 k'ingingo ya 4, kugira mu kiringo ashinga, bashikirize ku mirwi yose yaba kavukire, intonde z'abantu bakwije ibisabwa vyo kurangura amabanga mu rwego rwa sentare mpuzamakungu.

2. umurwi wose nturekuriwe na ntaryo gutanga abantu barenga bane, murabo, nturenze babiri, basangiye ubwene gihugu. Ivy'arivyo vyose, uwo murwi nturekuriwe gutanga igitigiri gusumba incuro zibiri z'ibibanza bitegekanijwe.

Ingingo ya 6

Imbere yo gushikiriza urutonde, hasabwa umurwi wose kavukire kugisha inama urwego rukuru rw'ubutungane, amashure n'ibisata vya Kaminuza vy'amategeko, ibisata vy'abahinga kavukire na mpuzamakungu bishinzwe ivyigwa vy'amategeko.

Ingingo ya 7

1. Umunyamabanga mukuru, arakora urutonde rw'abagenywe akurikije ingene indome z'amazina yabo akurikirana.

Abari kur'urwo rutonde nibo bashobora gutorwa kiretse uwoba ari mubitegekanijwe n'agace ka 2 k'ingingo ya 12.

2. Umunyamabanga mukuru ashikiriza urwo rutonde inama ya bose n'inama y'umutekano.

Ingingo ya 8

Inama ya bose n'inama y'umutekano, imwe yose ku ruhande rwayo iratora abagize sentare mpuzamakungu.

Ingingo ya 9

Mu matora yose, abitavye amatora bagumana ku muzirikanyi ko abahurikiye mur'urwo rwego rwa sentare, umwe wese aba akwije ibisabwa n'amategeko, bategerezwa kandi kumenya ko muri rusangi baserukira akaranga k'ibihugu vyabo hamwe n'ibisata bikuru bikuru vy'amategeko bigenga ubutungane kw'isi.

Ingingo ya 10

1. Hatorwa abashikanye amajwi menshi mu nama ya bose no mu nama y'umutekano.

2. Amatora yo mu nama y'umutekano, aba ay'abacamanza, ryaba igenwa ry'umurwi utegekanijwe n'ingingo ya 12 ikurikira, ntazotandukanya hagati y'ibihugu nteyegayezwa n'ibitari ntayegayezwa mu bigzre inama y'umutekano.

3. Mu gihe amajwi y'inama ya bose n'inama y'umutekano yahuriye ku bantu barenga umwe baserukira igihugu kimwe, uwurusha imyaka abandi niwe acatorwa.

Ingingo ya 11

Mu gihe inyuma y'amatora ya mbere hasigaye ibibanza vyo guhiganirwa, haca haba amatora agira kakiri nkuko babigenjeje ubwa mbere, ndetse niyo ari ngombwa hakaba n'amatora agira gatatu.

Ingingo ya 12

1. Mu gihe inyuma y'amatora agira gatatu hagisigaye ibibanza vyo guhiganirwa,

harashobora gushingwa igihe cose, bisabwe n'inama ya bose kibure n'inama y'umutekano, umurwi w'abahuza batandatu, batatu batowe n'inama ya bose, batatu n'inama y'umutekano, kugira utore ukurikijwe amajwi ya benshi ku ntebe yose izina rizoshikrizwa inama ya bose ukwayo n'inama y'umutekano ukwayo kugira zivyemeze.
2.Umurwi w'abahuza urashobora gushira ku rutonde rwabo umuntu uwariwe wese akwije ibisabwa n'amategeko igihe abagize uyo murwi bamuhurijekoamajwi naho yoba atari ku rutonde rushikirizwa hakwirikijwe ingingo ya 7.
3. Mu gihe umurwi w'abahuza ubonyeho udashobora gutunganya amatora, abagize sentare bamaze gutorwa, baca bagena abantu baja mu bibanza bisigaye mu Kiringo gitegekanywa n'inama y'umutekano, bakabagena baravye abaronse amajwi menshi mu nama ya bose, kibure mu nama y'umutekano.
4. Igihe mubacamanza habonetse amajwi angana igihe c'ayo matora, baca bafatira kw'ijwi ry'umucamanza arusha imyaka abandi .

Ingingo ya 13

1. Abagize Sentare batowe mu kiringo c'amezi icenda kandi barafise uburenganzira bwo gusubira kwitoza. Mugabo muvyerekeye abacamanza bagenwe igihe c'amatora ya mbere y'abagize Sentare, amabanga y'abacamanza batanu azoherana n'ikiringo c'imyaka itatu, ayabandi batanu nayo aherane n'ikiringo c'imyaka itandatu.
2. Abacamanza begwa n'amabanga azohera mukiringo c'imyaka itanu kibure itandatu ihejeje kuvugwa bazogenwa n'umunyamabanga Mukuru bunonyene amatora ya mbere aheze akoresheje uburyo bwo gutomboza.
3. Abagize Sentare baguma barangura amabanga yabo gushika basubirijwe. Bamaze gusubirizwa, baguma batunganya imanza bari bafis.
4. Mugihe hagize umucamanza atanga imihoho, abisaba umukuru wa Sentare uyo nawe agaca abishikiriza umunyamabanga Mukuru. Murico gihe ikibanza yahoramwo gica citwa ko kigararara.

Ingingo ya 14

Ibibanza bigaragara birasubirizwa babigenjeje nka kurya bitegekanijwe ku matora ya mbere kiretse ibitegekanijwe n'iyi ngingo : mu kiringo c'ukwezi ikibanza kigaragara, umunyamabanga mukuru azotumako amatora nkuko bitegekanijwe n'ingingo ya 5, italiki y'amatora nayo inshingwe n'inama y'umutekano.

Ingingo ya 15

Uwuhejeje gutorwa aje gusubirira umucamanza ikiringo kitari bwahere, aca abandanya ayo mabanga gushika ikiringo gihere.

Ingingo ya 16

1. Abagize Sentare ntibarekuriwe kurangura amabanga ajanye n'ivya politique, ivy'intwaro kibure ayajanye n'akandi kazi kose kajanye n'imyuga.
2. Mugihe harinkeka, Sentare niyo ifata ingingo

Ingingo ya 17

1. Abagize Sentare ntibashobora kurangura amabanga yo guserukira ishirahamwe, yo gutanga impanuro kibure y'ubushingwamanza m'urubanza urwo arirwo rwose.

2. Ntibarekuriwe kuja mu murwi wo guca urubanza boba barigeze kugiramwo uruhara wo guserukira ishirahamwe, gutanga impanuro, w'umushingwamanza, wemewe n'ababuranyi, wo gusaba muri Sentare y'igihugu userukira kibure Sentare mpuzamakungu, kuba mu murwi utohoza, kibure uruhara urwarirwo rwose.
3. Mugihe hoba inkeka, Sentare niyo ifata ingingo

Ingingo ya 18

1. Abagize Sentare ntibashobora kubogozwa mu mabanga yabo kiretse, abo bakorana babihuriyeko bavyize bagasanga abo vyega batari bakwije ibisabwa n'amategeko.
2.Umunyamabanga mukuru abimenyeshwa n'umwanditsi w'imanza abicishije munyandiko
3. Ubwo buryo bwo kubimenyesha bwerekana ko ikibanza kigaragara.

Ingingo ya 19

Mu mabanga yabo abacamanza barafise icubahiro, igihe bituye inzego z'ubutungane hamwe no kudakurikiranwa mugihe bafise ivyaha bagirizwa nk'abaserukira ibihugu vyabo mu makungu.

Ingingo ya 20

Umucamanza wese imbere yo gutangura kurangura amabanga ajejwe, ararahira icese amakungu akoranye ko azorangura amabanga yiwe abajije umutima wiwe kandi ataho ahengamiye.

Ingingo ya 21

1. Sentare iragena mu kiringo c'imyaka itatu, Umukuru wayo, n'icegera ciwe, barafise uburenganzira bwo gusubira kwitoza ico kiringo giheze.
2. Sentare iragena umwanditsi w'imanza, iikanagena n'abandi bakozi ikeneye.

Ingingo ya 22

1. Icicaro ca Sentare kiri i La Haye. Mugabo ibishatse, irashobora gusasa, kibure ikarangurira amabanga yayo ahandi.
2. Umukuru wa Sentare n'umwanditsi w'imanza baba ahasanzwe hari icicaro ca Sentare.

Ingingo ya 23

1. Sentare irangura amabanga yayo igihe cose kiretse iri mu karuhuko, igihe kaberamwo n'ikiringo kamara kikaba gishingwa na Sentare.
2. Abacamanza barafise uburenganzira bwo gufata akaruhuko mu bihe binyuranye italiki n'ikiringo kamara bigashingwa na Sentare ifatiye ku karere kari hagati ya La Haye n'iyibihugu baturukamwo biri.
3. Abacamanza bagize Sentare bategerezwa na ntaryo kwama igihe cose kukazi kiretse bafatiriwe bivuye kuyindi mvo ikomeye yemewe n'umukuru wa Sentare.

Ingingo ya 24

1. Mugihe kubera imvo idasanzwe ituma umwe mu bacamanza adafasha abandi guca urubanza, acabimenyesha umukuru wa Sentare.

2. Mugihe Umukuru wa Sentare, kubera imvo idasanzwe abonako umucamanza kanaka atosasa murubanza kanaka, acabimenyesha uwo vyega.

3. Bishitse murico gihe hakaba ukutumvikana hagati y'umukuru wa Sntare n'uwo mucamanza, Sentare niyo ifata ingingo.

Ingingo ya 25

1. Kiretse imvo yategekanijwe n'aya mategeko ngenderwako, Sentare irangura amabanga ijejwe mu ntahe y'icese.
2. Hakurikijwe ibitegekanijwe ko igitigiri gikwiye kugira Sentare isase kitoja munsi ya cumi n'umwe, amategeko agenga Sentare arashobora gutegekanya ko kubera imvo zinyuranye, umwe kibure abacamanza benshi bashobora kutemererwa gusasa.
3. Igitigiri c'abacamanza icenda kirakwiye kugirango Sentare isase.

Ingingo ya 26

1. Sentare irashobora, igihe cose, gushinga igisata kibure ibisata vyinshi, bigizwe n'abacamanza batatu n'imiburiburi biyivuyeko, ivyo bisata bijejwe guca imanza zinyuranye nk''karorero izakazi, izahabantu baca imbere yo kujabuka imbibe n'izo guhanahana amakuru.
2. Sentare irashobora, igihe cose gushinga igisata co guca urubanza yagenye . Igitigiri c'abacamanza b'ico gisata kirashingwa na sentare ibigiye inama n'ababuranyi.
3. Ibisata bitegekanijwe n'iyi ngingo bisasa ababuranyi babisavye.

Ingingo ya 27

Ingingo yose izofatwa n'igisata kimwe mubitegekanijwe n'ingingo za 26 na 29, izomera nk'iyifashwe na Sentare.

Ingingo ya 28

Ibisata bietgekanijwe n'ingingo za 26 na 29 birekuriwe, ababuranyi babishatse, gusasa no kurangurira amabanga yabo ahandi hantu atari i La Haye.

Ingingo ya 29

Kugira imanza zinyaruke sentare iragena burimwaka igisata c'abacamanza batanu bajejwe guca imanza zinyaruke igihe ababuranyi babisavye. Munyuma haraheza hakagenwa abacamanza babiri bajejwe gusubiriza abofatirwa ntibashobore gusasa.

Ingingo ya 30

1.Sentare irashinga itegeko ritegekanya ingene irangura amabanga yayo. Irategekanya nk'ingene imanza zicibwa.
2.itegeko rya sentare riratgekanya abashingantahe basasa muriyo sentare kibure mu bisata vyayo, naho badafise uurenganzira bwo gutora.

Ingingo ya 31

1. Abacamanza basangiye ubwenegihugu n'umwe mu baburanyi barafise uburenganzira bwo guca urubanza sentare ibashikirijwe.

2. Mu gihe umwe mubagize sentare igihe ishashe asangiye ubwenegihugu n'umwe mu baburanyi, umuburanyi wundi arafise uburenganzira bwo kugena uwo yifuza asasa ka bucamanza. Uyu ategerezwa kuba ari kurutonde rwatanzwe hakwirikijwe ingingo za 4 na 5.
3. Mu gihe mu bagize sentare igihe ishashe ata mucamanza n'umwe asangiye ubwenegihugu n'ababuranyi, umwe mu baburanyi arafise uburenganzira bwo kugena umucamanza nkuko bitegekanijwe n'agace ka 2.
4.Iyi ngingo ikurikizwa mu bitegekanijwe n'ingingo za 26 na 29.
Muri ico gihe umukuru wa sentare azosaba mu umucamanza kibure bishoboka, abacamanza babiri mu bagize igisata, guhebera ibibanza abacamanza basangiye ubwenegihugu n'ababuranyi vyega, kibure mugihe bidakunze, hasasemwo abacamanza bagenywe n'ababuranyi.
5.mu gihe ababuranyi benshi basangiye urubanza mu gukwirikiza ingingo zihejeje kuvugwa, abo baburanyi baharurwa rimwe gusa.
6.Abacamanza bagenywe nkuko bitegekanijwe n'uduce twa 2,3 na 4 tw'iyi ngingo bategerezwa gukwiza ibisabwa n'ingingo ya 2,17 (agace ka 2), 20 na 24 y'aya mategeko ngenderwako. Bafatira ingingo hamwe na bagenzi babo.

Ingingo ya 32

1.Abacamanza ba sentare, baronswa umushahara w'umwaka wose.
2.Umukuru wa Sentare araronswa umushahara w'umwaka wose udasanzwe.
3.Icegera c'umukuru wa sentare araronswa umushahara udasanzwe buri munsi igihe aranguye amabanga y'umukuru wa sentare.
4.Abacamanza bagenywe hakurikijwe ingingo ya 31, kandi Atari abasanzwe bari mu rwego rwa sentare baronswa umushahara buri munsi igihe baranguye amabanga bashinzwe.
5.Iyo mishahara ishingwa n'inama ya bose. Ntishobora kugabanurwa mu kiringo bariko barangura amabanga yabo.
6.Umushahara w'umwanditsi w'imanza ushingwa n'inama ya bose ibisabwe na sentare.
7.Itegeko rishingwa n'inama ya bose riratategekanya ivyankenerwa kugirango abacamanza n'abanditsi b'imanza bakukurutse baronswe amahera ya pansiyo. Ayo mategeko arategekanya kandi ingene abacamanza n'abanditsi b'imanza basubizwa amahera y'urugendo kuva iyo baba bakaja ku cicaro ca sentare aho basanzwe barangurira imirimo yabo.
8.Iyo mishahara ntitangishwa ikori iryariryo ryose.

Ingingo ya 33

Amafranga sentare ikoresha atangwa n'ishirahamwe ry'ibihugu mpuzamakungu nkuko inama ya bose iba yabishinze.

IKIGABANE CA II

UBUBASHA BWA SENTARE

Ingingo ya 34

1. Ama Leta yonyene niyo arekuriwe kurenguka imbere ya sentare.

2.Mu vyategekanijwe n'itegeko yashinze, sentare izoshobora gusaba amashirahamwe mpuzamakungu ngo ayishikirize amakuru yoba yaratororokanije ku manza yashikirijwe, ndetse bivuye ku gushaka kw'ayo mashirahamwe, yo nyene arashobora gushikiriza sentare amakuru yatororokanije ajanye n'imanza sentare yashikirijwe.
3. Mu gihe insiguro y'ingingo ngenderwako y'ishirahamwe mpuzamakungu kibure ry'isezerano mpuzamakungu vyemejwe hakurikijwe iyo ngingo nyene iteye amadidane mu rubanza sentare yashikirijwe, umwanditsi w'imanza arabimenyesha iryo shirahamwe akanarimenyesha abicishije mu nyandiko ingene urubanza ruriko ruraburanishwa.

Ingingo ya 35

1.Abarekuriwe kwitura sentare n'ama Leta yateye igikumu kuraya mategeko ngenderwako.
2.Ivyankenerwa, ayandi ma Leta yisunga, kiretse ingingo zoba zitegekanywa n'amasezerano yandi yateweko igikumu, bishingwa n'inama y'umutekano uko biri kose, ababuranyi bategerezwa gufatwa kurugero rumwe imbere ya sentare.
3.Mu gihe Leta itari mubanywanyi b'ishirahamwe ry'ibihugu mpuzamakungu, iri mu baburanyi, sentare niyo izoshinga intererano y'amahera izotanga muvyo sentare izokoresha muguca urwo rubanza. Mugabo iyi ngingo ntizokurikizwa mu gihe iyo Leta yoba ifasha mugutanga uburyo sentare ikoresha.

Ingingo ya 36

1. Ububasha bwa sentare buraba imanza zose ababuranyi bayishikirije hamwe n'ibindi vyose vyategekanijwe mw'isezerano ry'ibihugu bihurikiye mw'ishirahamwe mpuzamakungu canke muyandi masezerano yateweko igikumu.
2. Ama Leta yateye igikumu kuraya mategeko ngenderwako, arashobora igihe cose dutangaza ko ayo mategeko ategerezwa gukwirikizwa atakirinze gusabwa ndetse atanirindi sezerano ribitegekanya, kuri Leta iyari yo yose yisunze ayo mategeko, ububasha bwa Sentare ku matati yose ajanye n'amtegeko ajanye :

a.no gutanga insiguro ijanye n'isezerano mpuzamakungu.

b.Ku kintu cose kijanye n'amategeko mpuzamakungu.

c. ukuri ku kintu icarico cose kugaragajwe kwotuma haba uguhemuka kw'isezerano mpuzamakungu.

d. ubwoko bw'indishi canke indishi yotangwa mu gihe habaye uguhemuka kw'isezerano mpuzamakungu.

3. Ayo matangazo arashobora kugirwa atakirinze gusabwa, kibure akagirwa ku bihugu vyinshi kibure bimwe bimwe aruko biyemeje navyo.
4.Ayo matangazo azohabwa umunyamabanga mukuru w'ishirahamwe nawe ace arungikira ikopi yayo abashize igikumu kur'ayo mategeko ngenderwako hamwe n'umwanditsi w'imanza.
5.Amatangazo azogirwa hakwirikijwe ingingo ya 36 y'amategeko ngenderwako ya sentare mpuzamakungu y'ubutungane yamaho mu kiringo kitararangira, azoca afatwa, mu migenderanire y'ibihugu vyateye igikumu kuraya masezerano, nk'amategeko ngenderwako ya sentare mu kiringo kizoba gisigaye, ufatiye ku bitegekanijwe n'ayo matangazo.
6. Mu gihe hoba ukutemera ububasha bwa sentare, sentare mpuzamakungu niyo izoca ifata ingingo.

Ingingo ya 37

Mu gihe isezerano mpuzamakungu ritegekanya imanza zizocibwa na sentare izoshingwa n'ishirahamwe mpuzamakungu canke sentare y'ubutungane mpuzamakungu yamaho, sentare mpuzamakungu y'ubutungane niyo izoshinga iyo sentare hagati y'abateye igikumu kurayo masezerano.

Ingingo ya 38

1.Sentare ica imanza ishikirijwe yisunze amategeko mpuzamakungu ikwirikiza :

a.amasezerano mpuzamakungu asanzwe, canke ajanye n'ibisata bimwe bimwe, ashinga amategeko azwi neza ataguhigimanga n'ama Leta yegwa n'amatati.

b.umugenzo mpuzamakungu usanzwe ugaragaza umugigwa uhasanzwe kandi wemewe nk'itegeko.

c.Ingingo zisanzwe zemewe n'amategeko hamwe n'ibihugu biteye imbere

d.Kiretse ibitegekanijwe n'ingingo ya 59, ingingo za sentare, n'ibitabo vyanditswe n'abahinga ba karuhariwe muvy'amategeko b'ibihugu binywanyi, n'uburyo bwo kwerekana amategeko akurikizwa.

2.Iyi ngingo ntacibuza ku bubasha sentare ifise, ababuranyi bavyemeye guca urubanza ikoresheje umutima n'ubwenge mugufata ingingo ibereye.

IKIGABANE CA III

INGENE IMANZA ZIBURANISHWA

Ingingo ya 39

1.indimi zemewe na sentare n'igifaransa n'icongereza. Mu gihe ababuranyi bumvikanye ko baburana mu rurirmi rw'igifaransa, urubanza ruzocika, rusomwe mururwo rurimi.
Mu gihe naho ababuranyi bumvikanye ko baburana mu rurimi rw'icongereza, urubanza ruzocika rusomwe mu congereza.

2. Mu gihe atamwumvikano wabonetse k'ururimi rukoreshwa, ababuranyi barafise uburenganzira bwo kuburana mu rurimi rumwe murizo zibiri bashatse. Sentare izoheza ishikirize ingingo mu gifaransa no mucongereza. Murico gihe, sentare ica itomora murizo ndimi zibiri urwemerewe.

3.Sentare ibisabwe n'umuburanyi, irashobora kureka umuburanyi akaburana murundi rurimi rundi atari igifaransa kibure icongereza.

Ingingo ya 40

1.Imanza zishikirizwa sentare, bivanye n'ingene urubanza ruteye, mu buryo bwo gushikiriza ivyo ababuranyi bahurikirako, ibisabwa n'uwitwaye. Imburano zishikirizwa mu rubwo buryo bubiri, zirungikwa umwanditsi w'inama,zigategerezwa gutomora icitwarirwa n'umwidondoro w'ababuranyi.

2.Umwanditsi w'imanza ategerezwa kumenyesha adatevye imburano abitwariwe n'abegwa n'urubanza.

3.Arongera akabimenyesha abanywanyi b'ishirahamwe ry'ibihugu mpuzamakungu abicishije ku munyamabanga mukuru. Arabimenyesha kandi ayandi ma Leta yemerewe kuburana imbere ya sentare.

Ingingo ya 41

1.Sentare irafise uburenganzira iravye ingene urubanza rumeze bwo gufata ingingo mfatakibanza zijanye n'amategeko.
2.Mu kurindira ingingo ntabanduka, ingingo mfatakibanza zafashwe ziramenyeshwa ababuranyi n'inama y'umutekano.

Ingingo ya 42

1.ababuranyi baserukirwa n'abahagarariye amashirahamwe.
2.barashobora gufashwa kuburana n'abatanga impanuro zijanye n'amategeko canke abashingwamanza.
3.abaserukira amashirahamwe, abahanuzi n'abashingwamanza barafise uburenganzira bujanye no kworoherezwa igihe bituye ubutungane no kudakurikiranwa mugihe har'ivyaha bagirirwa. Ubwo burenganzira bubatuma kurangura imirimo yabo mumwidegemvyo.

Ingingo ya 43

1. Iburanishwa ry'imanza riba mu bihe bibiri : igihe c'inyandiko n'igice co kuburana bavuga.
2. Gushikiriza imburano biciye munyandiko bigirwa mugushikiriza sentare n'uwo muburana imburano zanditse, ivyireguro n'izindi nyandiko zose ziherekeza imburano.
3. Ugushikiriza imburano bica k'umwanditsi w'imanza murutonde n'ikiringo vyashinzwe na sentare.
4.Uwushikrije imburano zanditse ategerezwa kurungikira ikopi yazo uwo baburana, iriko ikimangu cerekana ko isa n'urwandiko ikomokako.
5.Mugushikiriza imburano amasura, abahinga, abaserukira amashirahamwe, abatanga impanuro zijanye n'amategeko hamwe n'abashingwamanza.

Ingingo ya 44

1.ku bijanye n'imburano zishikirizwa abandi Bantu atzri abaserukira amashirahamwe, abatanga impanuro n'abashingwamanza, Sentare ibiba ibimenyesha ibicishije ku ma Leta bakomokamwo.
2.nico kimwe n'iyo sentare iriko iratohoza urubanza ibicishije mu vyemezo vyashikirijwe n'ababuranyi.

Ingingo ya 45

Mu ntahe y'icese umukuru wa sentare niwe mukuru w'intahe, niwe aburanisha. Igihe atahari ayo mabanga arangurwa n'icegera ciwe. Uyo nawe atahari, akarangurwa n'umucamanza arusha imyaka abandi.

Ingingo ya 46

Intahe n'iy'icese kiretse sentare itabishatse, canke ababuranyi, basavye ko itoba iy'icese.

Ingingo ya 47

1.Mu ntahe y'icese yose hategerezwa kugirwa icegeranyo giteweko igikumu n'umukuru wa sentare hamwe n'umwanditsi w'imanza.
2.Ico cegerenyo conyene kirakwiye kugira cemerwe.

Ingingo ya 48

Sentare irafata ingingo zijanye n'ingene icegeranyo gikorwa, ingene imburano zandikwa, n'ikiringo zandikwamwo; irashinga n'ingene ivyemezo bishigikira imburano bishikirizwa.

Ingingo ya 49

Sentare irashobora, imbere yuko itangura kuburanisha, gusaba abaserukira amashirahamwe gushikiriza imburano zanditse canke gutanga insiguro izarizo zose. Mu gihe banse, sentare iravyandika mu cegeranyo.

Ingingo ya 50

Sentare irashobora, igihe cose gusaba itohozwa canke ibikorwa vy'abahinga umuntu uwari we wese, abasangiye umurimo, umurwi kibure urwego yishakiye.

Ingingo ya 51

Mu gihe c'imburano, ibibazo vyose birabazwa amasura n'abahinga, sentare ikabigira yisunze ivyankenerwa izoshinga mw'itegeko ritegekanijwe n'ingingo ya 30.

Ingingo ya 52

Imaze kuronka ivyemezo n'ivyasuwe n'amasura mu biringo vyategekanijwe, sentare irashobora kwanka amasura, kibure ivyandiko umwe mu baburanyi yoba ashaka gushikiriza uwo baburana yavyanse.

Ingingo ya 53

1. mu gihe umwe mu baburanyi atitavye, kibure yarengutse mugabo ntaburane, uwo baburana arashobora gusaba sentare ko ibacira urubanza iravye ivyanditse.
2. sentare imbere yuko igira ico ibivuzeko, ibanza kuraba ko ifise ububasha bwo guca urwo rubanza yisunze ibitegekanijwe n'ingingo za 36 na 37, ikaraba kandi ko imburano zishemeye, ifatiye ku ntumbero y'urubanza, n'amategeko yokwirikizwa mu kuruca.

Ingingo ya 54

1. mu gihe abaserukira amashirahamwe, abatanga impanuro n'abashingwamanza bamaze gushikiriza imburano bibaza ko zikenewe, umukuru wa sentare, aca afata ingingo ivuga ko ukuburana biheze.
2.sentare ica igenda mu mwiherero gufata ingingo.
3.ingene sentare ifata ingingo biba ibanga kandi bikaguma ari ibanga

Ingingo ya 55

1.ingingo za sentare, zifatwa bafatiye ku majwi y'abacamanza benshi bahari.
2.mu gihe amajwi angana, ijwi ry'umukuru wa sentare, kibure uwamusubiriye, rica riharurwamwo abiri.

Ingingo ya 56

1.Sentare irerekana imvo zituma ifata ingingo
2.Ingingo ya sentare irerekana amazina y'abacamanza bayifashe.

Ingingo ya 57

Naho ingingo iterekana iciyumviro, kibure ivyiyumviro abacamanza bahuriyeko, umucamanza wese arafise uburenganzira bwo gufatanya n'iyo ngingo urwandiko rwerekana iciyumviro ciwe yashikirije mu gufata ingingo.

Ingingo ya 58

Ingingo ya 59

Ingingo ya sentare iba itegeko ku waburanye no kucafatiwe ingingo.

Ingingo ya 60

Ingingo ni ntabanduka, kandi ntaho yungururizwa. Mu gihe habaye amadidane ajanye n'intumbero y'iyo ngingo, sentare irafise uburenganzira bwo gutanga insiguro, ibisabwe n'uwari we wese mu baburanyi.

Ingingo ya 61

1. ugusubiramwo ingingo, ntibishobora gusabwa sentare, kiretse habonetse ikintu cotuma ingingo yafashwe ihinduka, ico kintu kikaba kitamenywe na sentare imbere yuko isoma urubanza, hamwe n'umuburanyi asaba ko urubanza rusubirwamwo, mu gihe ukutamenya ico kintu bitamuvuyeko.
2. ugusubiramwo urubanza, bitangura habaye ingingo ya sentare igaragaza, ata guhigimanga ikintu gishasha, gituma urubanza rushobora gusubirwamwo, ikanatangaza ko yakiriye isubirwamwo ry'urubanza.
3. sentare irafise uburenganzira bwo gutegeka ko urubanza rusubirwamwo, aruko ingingo ibanje gukurikizwa.
4. gusaba ko ingingo isubirwamwo, bitegerezwa kuba vyatevye gose, mu kiringo c'amezi atandatu, ikintu gishasha gituma urubanza rusubirwamwo kibonetse.
5. nta rubanza na rumwe rusaba isubirwamwo ry'ingingo ruzoshikirizwa sentare inyuma y'ikiringo c'imyaka cumi ingingo ifashwe.

Ingingo ya 62

1.mu gihe hariho Leta yibaza ko ifise inyungu mu rubanza ruriko ruraburanwa, irafise uburenganzira bwo gusaba sentare, kugira iruzemwo.
2.sentare ica ifata ingingo ijanye n'ico kibazo.

Ingingo ya 63

1.mu gihe urubanza rujanye n'insiguro y'isezerano ryega ama Leta yandi atari ayariko araburana, umwanditsi w'imanza aca abiyamenyesha adatavye.

2.umwe mur'iyo, arafise uburenganzira bwo kuza mur'urwo rubanza, kandi iyo arujemwo, insiguro yatanzwe na sentare, ica imera nk'itegeko kuri we.

Ingingo ya 64

Umwe wese mu baburanyi, arariha amagarama, kiretse iyo sentare yafashe ingingo y'indi.

IKIGABANE CA IV.

IVYIYUMVIRO KU BIBAZO YASHIKIRIJWE.

Ingingo ya 65

1.sentare irafise uburenganzira bwo gutanga iciyumviro ku kibazo cose kijanye n'amategeko, yasabwe n'urwego urwari rwo rwose rwisunze isezerano ry'ishirahamwe ry'ibihugu mpuzamakungu, canke ivyo ritegekanya mu gusaba ico ciyumviro.
2.ibibazo vyegwa n'iciyumviro gisabwa, bishikirizwa sentare mu rwandiko rwerekana neza mu majambo atomoye ikibazo kijanye n'iciyumviro gisabwa. Urwo rwandiko ruherekezwa n'ibindi vyandiko ivyarivyo vyose vyotuma sentare itomokerwa.

Ingingo ya 66

1. umwanditsi w'imanza aramenyesha buno nyene ama Leta yose yemerewe kuburana imbere ya sentare, ivyandiko bisaba iciyumviro ku bibazo uwubisaba yagaragaje.
2.vyongeye, kuri Leta yemerewe kuburana no kwishirahamwe mpuzamakungu, vyaciriwe urubanza na sentare, aho bose mu gihe bashobora gutanga inkuru zijanye n'ico kibazo, umwanditsi w'imanza aramenyesha abicishije mw'itangazo rivyerekeye, ko sentare yiteguye kwakira inyandiko zijanye n'ico kibazo, canke kwakira ibizovugwa mu ntahe y'icese izoba ivyerekeye.
3. mu gihe kimwe, mur'ivyo bihugu kitamenyeshejwe ivyatangajwe bitegekanijwe n'agace ka kabiri k'iyi ngingo, amenyesheje ko yifuza gushikiriza urwandiko kibure kuwumvirizwa, sentare ica ifata ingingo.
4. ama Leta canke amashirahamwe yashikirije imburano ziciye mu nyandiko, canke mu majambo, barekuriwe kugira ico bavuze ku vyashikirijwe n'ayandi ma Leta, kibure amashirahamwe mu buryo, mu mategeko, n'ikiringo vyashinzwe na sentare, canke iyo idasasa, bigashingwa n'umukuru wa sentare.
Kubera ivyo, umwanditsi w'imanza aramenyesha ama Leta canke amashirahamwe, imburano zanditse bo nyene bashikirije.

Ingingo ya 67

Sentare izosomera ivyiyumviro vyayo mu ntahe y'icese, umunyamabanga mukuru n'abaserukira abanywanyi b'ishirahamwe vy'ibihugu mpuzamakungu, ama Leta n'amashirahamwe yegwa n'ivyo bibazo yabimenyeshejwe.

Ingingo ya 68

Mu kurangura amabanga ajanye no gutanga ivyiyumviro, sentare irisunga ingingo zitegekanijwe n'iri sezerano mu bijanye n'amatati, mu gihe izokwemeza ko izo ngingo arizo zizokwirikizwa.

IKIGABANE CA V

IHINDURWA RY'INGINGO

Ingingo ya 69

Ibizohindurwa mur'ayo mategeko ngenderwako, bizogirwa hakwirikijwe ibitegekanijwe mw'ihindurwa ry'isezerano ry'ishirahamwe ry'ibihugu mpuzamakungu, kiretse ingingo zifatwa n'inama ya bose, ibitegetswe n'inama y'umutekano, ku bijanye no kwifatanya n'abafata ingingo z'ivyohindurwa, ku ma Leta yateye igikumu kur'aya masezerano, mugabo atari mu banywanyi b'ishirahamwe ry'ibihugu mpuzamakungu.

Ingingo ya 70

Sentare irashobora gushikiriza ingingo yibaza ko zohinduka mur'ayo mategeko, ibicishije mu buryo bw'amatangazo yanditse azoshikirizwa umunyamabanga mukuru, kugira ngo ayihweze yisunze ibitegekanijwe n'ingingo ya 69.